Australian Government

Department of Immigration and Citizenship

Gutangura ubuzima bushasha muri Australiya

Kaze muri sanze muri

South Australia

Kirundi

Nzero 2009

DIAC09/00530-163

Italiki gisohokeye ko : Nzero 2009.

Inomero zo guhamagara: Nt'amafaranga atangwa iyo mukoresheje inomero za telefone zitangurwa n'igiharuro 1800 iyo muhamagaye mukoresheje telefone zo munzu, ariko uriha cokimwe na telefone isanzwe iyo ukoresheje zirya telephone barihira hanze. Utanga cokimwe n'amafaranga yo munzu iyo ukoresheje telefone zitangurwa na13 canke 1300. Inomero zimwe zitangurwa na1300 canke 1800 zishobora gukoreshwa gusa iyo mutari mugisagara gikuru.Telefone zo mu ntoke zifise igiciro cazo.

Iyo utelefonye uri hanze y'Australiya ku nomero zitangurwa na 13,1300 canke 1800, koresha igaharuro gitangura ca Australiya ari co 61, hanyuma ukwirikize code y'intara ata 0 ushizeko, hanyuma inomero utelefona. Iyo uhamagaye uri muri Australiya, ariko mu ntara y'indi, tangura inomero y'intara, hanyuma inomero wifuza.

Kwiyamiriza ibirego: Nah'ubushikirangaji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu (Ubushikirangaji) hamwe nabo bafadikanije bagerageje ngo ibiri muri kano katabu bihure n'igihe gasohokeyeko; aka gatabo karimwo ibintu vyinshi bishobora guhinduka umwanya uwariwo wose. Ubushikiranganji n'abo bifadikanije ntibashobora kuzokwirikiranwa hamwe hogira ico umuntu yoba bivuye kuvyo yoba yarasomye muri kano gatabu.

Ibirimwo

Intangamarara **5**

1. N' iki wokora mu minsi yambere ushitse **6**
A. Kurondera Tax File Number (inomero y'ikori) 6
B. Kwiyandikisha kuri Medicare kandi kuraba ko utokwiyandikisha mw'ishirahamwe ry'igenga riraba integabizoza muvy' amagara 7
C. Kwuguruza ububiko muri banki 7
D. Kwiyandikisha kuri Centrelink 8
E. Kuraba ico bita Health Undertaking Service 8
F. Kwiyandikisha mu mashule y'icongereza 9
G. Kwandikisha abana kw'ishule 9
H. Kurondera uruhusha rwo gutwara umuduga 9

2. Ugufashwa mu rurimi rw'icongereza **10**
Ibisata bihindura indimi mu zindi 10
Igisata cashinzwe kwigisha icongereza abimuka bakuze (AMEP) 11

3. Ibisata bishinzwe abitabariza **14**
Polisi 14
Umuduga wunguruza abaremvye 14
Ibisata vyashinzwe kuzimanya umuriro 14
Izindi nomero wokenera iyo witabariza 15

4. Woronka he abagufasha ? **16**
Ibisata bifasha abimuka bashasha kumenyera 16
Migrant Resource Centres and Migrant Service Agencies 16
Adult Migrant English Program (AMEP) 16
Imfashanyo za mbere zifasha kumenyereza abinjira k'ubuntu 17
Amashirahamwe akomoka ku bihugu vy' amavuka y'abimuka 17
Ibisata bifasha urwaruka 19
Imfashanyo n'impanuro vyerekeye amategeko 20
Amatati yo miryango 20
Uburenganzira bw' abaguzi 20
Ubutegetsi bw'akarere 21
The Australian Government Regional Information Service (AGRIS) 21
Imfashanyo yihutirwa 21
Kurondeza incuti 22
Guhanuza ku telefone mu bihe vy'intambamyi 22
Impanuro zitangwa mungo z'abubatse n'iyindi mibano 22
Kuremesha abahababukiwe 22
Ibisata biraba ibijanye n' amafaranga 23
Igisata gifasha muvy'amakori 24

5. Imigenzo n'amategeko y'Australiya **25**
Ibikwega n'akaranga kacu (Responsibilities and values) 25
Kurwanya akarenganyo 25
Guhasha inkozi z'ikibi 26
Kugendesha imodoka 28
Ibiyayuramutwe, kunywa itabi n'ukunywa inzoga 28
Ibidukikije 29
Urwamo rurengeye 29
Ibikoko 29
Indamutso n'ingene woganira n'abandi 29
Imigenzo y'urupfasoni 30
Imyambaro 30
Imvugo abanya Australiya bisangaji 30

6. Uburaro **32**
Gupanga amazu yirebanga canke amagorofa. 32

Ivy'umupangayi afitiye uburenganzira n'ivy'asabwa. 32
Kugura inzu zirebanga canke igorofa. 33
Amazu ya leta. 33
Amazu yakira abari mu ngorane zikomeye 33
Ibisata bishira ivyankenerwa mu mazu 34

7. Ubuzi. 35
Kurondera akazi. 35
Ibisata bijejwe ivy'akazi. 35
Ushaka kumenya ibirenga ko egera: 36
Ubushikiranganji bujejwe ivy'amashule yisumbuye, ubuzi, ubuhinga n'iterambere (Department of Further Education, Employment, Science and Technology) 36
Impapuro z'ubumenyi. 36
Ibisabwa mu kazi (ku mukoresha /ku mukozi) 38
Pansiyo. 38
Amakori. 39
Itunga ,ukuziganya n'uyundi mutungo bituruka hanze 39

8. Isandugu ritegekaniriza kazoza abakozi. 41
Imfashanyo zitangwa na Centrelink. 41
Igihe urindira ingene kingana. 41
Imfashanyo yihutigwa itangwa ku binjira k'ubuntu. 42
Imfashanyo itangwa ku miryango. 42
Urwaruka. 43
Umuntu ashobora kuguserukira muri Centrelink canke mu biro bifasha imiryango 43
Ivyo ufitiye uburenganzira n'ivyo usabwa 43
Abakozi ba Centrelink bajejwe ivy'imico itandukanye. 44
Ibirenga kuri ibi: 44

9. Ibijanye n'ukunguruz' abantu 45
Iyunguruza rya bose 45
Imiduga y'abigenga 45

10. Indero n'irerero ry'abana bato 47
Irerero ry'abana bato 47
Amashule 47
Abana batavuga icongereza 48
Abasigura indimi mu zindi 49
Kwiyandikisha mw'ishule 49
Amashule y'imyuga 49
Amashule ya Kaminuza 49

11. Ivyerekeye amagara y'abantu 51
Medicare 51
Centrelink Health Care Card 51
Ibigega vy'abigenga bikingira amagara y'abantu 51
Ugufashwa muvyo kuvurwa 52
Ibigo bibungabunga amagara y'abanyagihugu. 53
Ingwara zo mu mutwe 53
Ibisata bijejwe abantu bavuga izindi indimi kandi bafise imico itandukanye. 54
Gukingira impanuka abana 54
Incandago. 54
Ivyerekeye amenyo. 54
Ukuronka uburenganzira mw'irerero ry'abageze muzabukuru. 55
Inyigisho zindi. 56

12. Uvyukwinezereza n'ibijanye n'ibinyamakuru 57
Ibikorwa bikorerwa hanze yaho uba. 57
Ibinyamakuru. 57
Internet 58

13. Ubushikirangaji bujejwe uraja n'uruza n'ubwenegihugu 59

Ubwenegihugu bwa Australiya. 59
Viza zo kugaruka 60
Imiryango iza kuramukanya muri Australiya 60
14. Ubutegetsi bw’akarere n’ibikorwa rusangi 61
Ibikorwa rusangi 61
Ibisata bijejwe indangamico 61
Amazu yo gusomeramwo ibitabo 61
Ibindi bashobora kugufasha 61
Izindi nyigisho 61

Intangamarara

Kaze murisanze muri Australiya na cane cane ngaha muri South Australia

Leta nkuru ya Australiya, ubutegetsi bw'intara, ubutegetsi bw'akarere vyifadikanije n'ibisata bitegamiye Leta, barafasha ababa muri Australiya mu bintu bitandukanye vyinshi. Aka gatabu karagusigurira abashobora kugufasha, n'ahuwoshobora kuronka imfashanyo kandi karakwereka aho woronka impanuro igihe ufise ibikugoye.

Bisabwe impuzi n'abinjiye k'ubuntu ko bokwibuka inyigisho bahawe n'ubuyobozi bushinzwe uruja n'uruza, n'ubwenegihugu (Department of Immigration and Citizenship (DIAC).

Ntivyoroshe ko inyigisho ziri muri kano gatabu zizokwama zuzuriza abazogasoma bose.Tubaye turabamyenyesha ko bamwe mubimuka bwegu n'abafise visa mfata kibanza bashobora kutaronka imfashanyo zose zagenywe.

Tubasavye ko mwosoma aka gatabo mwitonze. Twizeye ko kazobagirira akamaro muri kino gihe mutanguye ubuzima busha muri Australiya.Twobahanura komwosoma agatabo kasohotse ubwanyuma, musanga mu biro vy'abagenywe kubakira no kuri website yitwa 'Living in Australia' www.immi.gov.au/living-in-australia.Tubahanuye gusoma ibigabane bine bitangura. Vyerekeye ibintu wokwitaho mu munsi yambere ushitse.

Kubera ariho ugitangura ubuzima busha muri Australiya n'ingombwa ngo uzobone ibintu vyinshi bitoroshe kandi biguma bihindagurika. Ingorane ntizizobura ariko munyuma uzoshima. Kugira ugire rero ubuzima bwiza bizovana n'umwete uzobishiramwo n'ingene abashinzwe kukwakira bazobigufashamwo. Kaze kandi tukwifurije ubuzima bwiza!

1. N’ iki wokora mu minsi yambere ushitse

Ngur’ urutonde rw’ibintu bikuru bikuru 8 utegekanijwe gukora mu maguru masha ushitse muri Australiya. Ushire akamenyetso kuco uzoba waranguye.

Ivyo worangura	✓
A. Gusaba Tax File Number (inomero y’ikori)	☐
B. Kwiyandikisha kuri Medicare	☐
C. Kuguruza ububiko muri banki	☐
D. Kwiyandikisha kuri Centrelink	☐
E. Kuraba Health Undertaking Service	☐
F. Kwiyandikisha mu mashule y’icongereza	☐
G. Kwandikisha abana kw’ishule	☐
H. Kurondera uruhusha rwo gutwara umuduga	☐

Soma ikigabane ca 2, *Help with English* kugira umenye vyinshi bijanye n’ ibisata bihindura indimi muzindi n’ingene woshobora guhinduza mu rurimi rwawe impapuro zawe.

Soma ikigabane ca 4, *Where to go for help* kugira umenye vyinshi bijanye n’ amashirahamwe ashobora kugufasha mukukumenyereza aho uba.

A. Kurondera Tax File Number (inomero y’ikori)

Banza ukore ibi imbere ya vyose. Muri Australiya, igihe winjiza amafaranga aho ava hose utegerezwa kuba ufise **Tax File Number** (TFN). Ayo mahera ashobora kuba ari umushahara w’akazi, imfashanyo ya Leta canke amahera avuye muvyo waziganije, yaba inyungu canke amahera wungutse mububiko bwo muri banki.

Woronka gute tax file number (inomero y’ikori)

Muri Australiya, urashobora guhamagara inomero ya telefone ya **Australian Taxation Office** (ATO) (Ibiro vy’itozakori) bagaca bakurungikira urupapuro rwokuzuza. Murashobora kandi kurondera iyo TFN kuri website ya ATO amasaha ayariyo yose kuva ku wambere gushika ku wa mungu. Izompapuro zirashobora kandi kuboneka mu tumangazini twa ATO canke Centrelink dusanga mu gitabo ca telefone citwa White Pages.

Ingene wotohoza ibijanye n’ ibiro vy’amakori vya Australiya (Australian Taxation Office) (ATO)

Telefone	**13 2861**
Wishikire ubwawe	ATO shopfront locations
Kurondera kuri internet TFN	Online individual TFN registration
Website ya ATO	www.ato.gov.au

Soma ikigabane c’ 7, *Employment* kugira umenye inkuru nyinshi zijanye n’amakori

B. Kwiyandikisha kuri Medicare kandi kuraba ko utokwiyandikisha mw'ishirahamwe ry'igenga riraba integabizoza muvy' amagara

Leta ya Australiya irafasha mukuriha imiti ibicishije mu gisata citwa **Medicare**. Leta kandi iragabaniriza abanywanyi bayo igiciro c'imiti myinshi ibicishije mu gisata bita Pharmaceutical Benefits Scheme (PBS). Medicare na PBS zikukira Medicare Australiya.

Birashoka ko woba umunywanyi wa Medicare bigatuma ushobora guca uronka ubwonyene uburyo bwo gushikira ibisata bijejwe kubungabunga amagara. Ivyo navyo n'ibitaro vya Leta bikwakira k'ubuntu, bikagufasha kuriha amahera yokuva mu bitaro, no kuriha imiti imwimwe.Nivyiza ko womenya ko abimuka bose batemerewe kuronka imfashanyo ya Medicare kandi ko wo baza Medicare ko ishobira kugufasha

Medicare irafise icobita **Information Kit (agatabo)** gahinduwe mundimi zitandukanye 19 ikaba iri no mucongereza, ku CD na kasete. Iranasigura ivyerekeye Medicare n'izindi nzego za Leta zijejwe amagara kandi ikakumenyesha ibikenerwa kugira uronke imfashanyo n'ibindi bijanye.Wibuke kwama usaba aka gatabo iyo ugendeye ibiro vya Medicare, Migrant Resource Centre canke ubitore kuri website.

Biyandikisha gute kuri Medicare

Mukwiyandikisha muri Medicare, utegerezwa kwishikira mubiro vva Medicare hagati y'iminsi 7 n'iminsi 10 umaze gushika muri Australiya ukagenda w'ibangikanije igitabo c'inzira, na viza yawe. Basanze ukwijije ivyangombwa, barashobora kuguha inomero y'ikarata yawe ya Medicare wokoresha gushika ikarata yawe igushikire i muhira mugihe kitarenze amayinga atatu. Kenshi uzokwirihira kwa muganga, hanyuma bagusubize amwe murayo amafaranga uzoba watanze. **Igihe ukuneye kubona umuganga vyihutirwa,** urashobora kwiyandikisha muri Medicare utabanje kurindira hagati y'iminsi 7 gushika kuri 10 ugaca usaba inomero y'imfata kibanza.

Kwivuza vyihutirwa (Emergency treatment) birashoboka igihe ico arico cose mu bitaro vya bose mu bibanza vyitwa 'Casualty' na 'Emergency'.

Ni gute womenya ibijanye na Medicare.

Telefone	**13 2011**
Wishikire ubwawe	Medicare offices Medicare Office 30 Currie Street ADELAIDE SA 5000
Medicare Information Kit (iri muzindi ndimi atari icongereza)	Information Kit
Webesite ya Medicare	www.medicareaustralia.gov.au

Hari n'ayandi mashirahamwe yigenga menshi atari Medicare afasha ku bintu Medicare idashoboye; akarorero ibijanye n'ukwivuza amenyo, kenshi n'amaso, n'imodokari yunguruza abaremvye.

Ushaka kumenya inkuru nyinshi kuvyerekeye ishirahamwe ryigenga bijanye n'amagara, raba mu kigabane ca 11, *The health system*.

C. Kwuguruza ububiko muri banki

Muri Australiya, abantu babika amafaranga yabo muri banki n'ayandi mashirahamwe yitwa building society na credit union. Amahera winjiza nka yose, harimwo imishahara n'imfashanyo za Leta, arihirwa mu bubiko bw'amabanki. Abanya Australiya barakoresha amakarata ya banki muburyo butandukanye.

Twoguhanura ko wokwuguruza ububiko muri banki canke aho bita building society canke credit union **mu mayinga atandatu yambere ugishika**, kubera ibikuranga bagusaba ari igitabo c'inzira gusa.Inyuma y'amayinga atandatu uzokenera ibikuranga vyinshi kugira

w'uguruze ububiko, ivyo bigatuma ushobora kuronka ingorane mugiye udafise impapuro nyinshi zikuranga.Menyesha banki yawe inomero ya Tax File Number (TFN) kugira ntibaguce ikori rinini kunyungu y'amahera abitswe muri banki

Ukeneye kumenya ibindi vyerekeye iyuguruzwa ry'ububiko muri banki ja kuri iyi website ikwirikira.

Smarter Banking – make the most of your money www.bankers.asn.au

D. Kwiyandikisha kuri Centrelink

Centrelink n'igisata ca Leta gifasha abahaye bararondera akazi, kigatanga imfashanyo y'abatishoboye, n'izindi mfashanyo zijanye nivyo. Abantu bashasha bagishitse barashobora kwiyandikisha muri Centrelink kugira babafashe kurondera akazi, babafashe mukwemera ubumenye bakuye hanze, n'ukubafasha kwiga amashule barondera. Centrelink irafise impapuro zokuzuza urondera Tax File Number kandi igashobora no gugufasha kurungika izo mpapuro kuri Tax Office (ibiro vy'amakori), kugira ngo ntucererwe kuronka izo mfashanyo zawe. Ayo mahera ashobora kuboneka uyo munsi wagiye kuri Centrelink. Ushaka kuronka imfashanyo umunsi ushitse utegerezwa kuja kuri Centrelink kandi ukabisaba mu minsi itarenga 14 yambere ushitse.

Abinjijwe k'ubuntu baremerewe guhabwa imfashanyo yitwa **Crisis Payment** itangwa na Centrelink. Uyo muntu yinjiye ategerezwa kubisaba mu minsi 7 ya mbere agishitse muri Australiya canke akaja kuri Centrelink kubamenyesha ko azobisaba mugihe gitarenga iminsi 7 agishitse hanyuma agaca yandika abisaba mumisi itarenga14 ikwirikira uwo mubonano. Ushaka kumenya vyinshi vyerekeye ibiheje kuvurwa soma ikigabane ca 8, *Social Security.*

Ufise abana ushobora kuronka imfashanyo ya Leta yitwa imfashanyo y'umuryango (Family Assistance) kugira igufashe kuriha ivyo vyose bikenewe mukubarera.

Ushaka kumenya ido nido kuvyerekeye ibihejejwe kuvurwa soma Ikigabana ca 2, *Help with English;* ikigabane ca 7, *Employment;* n' ikigabane ca 8, *Social security*.

Ingene wotohoza ibijanye na Centrelink

Telefone	**13 1021**
Urondeye abagusigurira mu zindi ndimi atari icongereza	**13 1202**
Wishikire ubwawe	Centrelink offices
Webesite ya Centrelink	www.centrelink.gov.au
Kubimuka bashasha	Have you recently moved to Australia to settle?
Inkuru mu zindi ndimi	Centrelink assistance – we speak your language

E. Kuraba ico bita Health Undertaking Service

Hamwe woba warashize umukono k'urupapuro bita **Health Undertaking** (Form 815) bisabwa n'ibiro vyo hanze vy'Ubushikirangaji bujejwe uruja n'uruza n'ubwenegihugu (Department of Immigration and Citizenship) (DIAC), utegerezwa kutera akamo igisata citwa Health Undertaking Service igihe ushitse muri Australiya.

Umaze kuvugana nico gisata citwa Health Undertaking Service, bazoca bakurangira ikibanza kirihafi yawe wishikire ubwawe, aho bita Health Authority Clinic, aho ushobora kuja kugira babandanye ibipimo vyo kwa muganga

Health Undertaking Service **1800 811 334**
(9am – 4pm, Kuva kuwa mbere gushika kuwa gatanu)

F. Kwiyandikisha mu mashule y'icongereza

Birakenewe cane ko womenya kwisigura mu congereza kandi nivyo bizogutama ugira ubizima bwiza. Nimba utavuga icongereza, turagusavye dushimitse ko wokwiga mu maguru masha ugishitse.

Adult Migrant English Program (AMEP), n'integuro y'ivyigwa vy'icongereza yategekeranirijwe abimuka bakuze. Kubera ukiri mushasha birashoboka ko wo kwiga icongereza at'amafaranga urishe gushika ku masaha 510. AMEP irafise uburyo bwinshi bwo kwigisha kugira ushobore kuguma wiga icongereza iyo ukora, iyo ufise umuryango witaho canke ayandi mabanga agufatiriye.

G. Kwandikisha abana kw'ishule

Mu mategeko ya Australiya, abana bafise imyaka kuva kuri 5 gushika kuri 15 bategerezwa kuja mw'ishule. Utegerezwa rero kwandikisha vyihutirwa umwana wawe mw'ishule. Ushaka kumenya ido nido kuvyerekeye ibihejwe kuvurwa soma Ikigabana ca 10, *Education and child care*.

H. Kurondera uruhusha rwo gutwara umuduga

Ugasanga ufise viza y'umwimuka bwegu, ukaba ufise uruhusha rwo gutwara imodoka wakuye mu kindi gihugu, ruri mu congereza canke rwahinduwe mu congereza n'ababigenewe, urashobora kugendesha imodoka mu mezi yambere ugishika.Iyo iminsi iheze, wifuza gutwara imodoka utegerezwa kuronka uruhusha rwo kugendesha rwo muri Australiya. Ibi rero bizogusaba gukora ikibazo co mu bitabo (a knowledge test), upimwe mw'ibarabara (practical driving test), kandi bagupime n'amaso (eyesight test). Muri Australiya, uruhusha rwo gutwara imodoka rutangwa na Leta z'intara.

Ugasanga udafise uruhusha rwo gutwara imodoka wakuye mu kindi gihugu uzotegerezwa gukora ikibazo citwa Driver Knowledge Test kugira uronke uruhusha rw'abiga.

Muri South Australiya, ivyo bita " Customer Service Centres"(ibiro biraba abanywanyi) vyo muri Transport SA ni vyo bitanga uruhusha rwo rwutwara umuduga no kwandikisha imiduga. Harategekanijwe uburyo bwo kworohereza abantu mu ndimi 24 atari icongereza kugira bige gutwara umuduga n'ukwiga amategeko y'amabarabara yo mu ntara ya 'South Australiya'.

Urashobora kandi kubaza ibiro biraba abanywanyi musanga mu gitabo ca telefone bita White Pages ahanditse 'Transport SA'.

Transport SA **13 1084**

EDS Centre
108 North Terrace
ADELAIDE SA 5000
Website: www.transport.sa.gov.au

Mwamwe mwibuka ibi kwirikira: Muri Australiya hari amategeko ahana ashimitse abagendesha imodoka banyoye inzoga canke batubahiriza amatara yo mwi barabara. Ushaka kumenya inyigisho zirenga kurivyo soma Ikigabane ca 5 , *Australian customs and law*.

Ushaka kumenya inyigisho zirenga kur'ivyo soma, ikigabane ca 2, *Help with English*.

2. Ugufashwa mu rurimi rw'icongereza

Ibisata bihindura indimi mu zindi

Kuhindura indimi mu zindi (Interpreting)

Igisata cishinze guhindura indimi mu zindi (Translating and Interpreting Service) (TIS National) kirashobora kubaronsa abasigura mu rurimi rwanyu bakoresheje telefone mu ndimi zirenga 120. Urashobora guhamgara TIS National y'igihugu ku mahera angana nayo ukoresha telefone yo murugo (Igiciro ca telefone yo mu maboko gishobora kuba kitangana). TIS National y'igihugu ikora amasaha ayariyo yose kandi kuva kumusi wa mbere gushika ku wa mungu, kandi igashobora gufasha no mu bihe vy'ihutirwa cane ahariho hose muri Astraliya.

Utavuga canke utumva icongereza kandi ukaba ukeneye kuvugana n'ibiro vya Leta, wosaba ko bohamagara TIS National y'igihugu kugira igufashe kuvugana n'abo. Mubisanzwe bazoguha uwusigura akoresheje telefone, ariko bikenewe ibiro vya Leta bishobora no kukurungikira umuntu agufasha amaso muyandi. Icogisata ca Leta nico kiriha amahera ajanye n'uwo murimo wogusiguza. Imbere yo guhamagara uzobe wabanje kuraba amasaha ivyo bisata vya Leta bikora.

Niyo wagira ingorane ntiwumvikane na birya vyuma vya telefone vyivugisha mu buhinga bukomeye vy'ibisata vya Leta, vyiza woca uhamagara TIS National y'igihugu , bazoca bagufasha.

Iyo ukeneye uwugusigurira mu rurimi rwawe urikwivuza kwa muganga wawe urashobora kubasaba ngo bahamagare TIS National y'igihugu ku telephone y'umuganga bita"Doctor's Priority Line" kugira barondere umusiguzi wo ku telefone. Iyo bikenewe muganga arashobora gutumako umusiguzi akagusanga ahuri.

Translating and Interpreting Service (TIS National)	**131 450**
Website ya TIS National	www.immi.gov.au/tis

Wifuza Centrelink ukaba ukeneye uwogusigurira mururimi rwawe, urashobora guhamagara wewe nyene Centrelink kur'izi nomero:

Centrelink (ubifashijwemwo n'abasigura mu ndimi zindi)	**13 1202**
Website ya Centrelink	www.centrelink.gov.au

Ikarata yitwa 'Ndakeneye umusiguzi'

Tis y'igihugu irafise ikarata yitwa 'Ndakeneye umusiguzi' ikoreshwa n'abantu baturuka mu bihugu bitavuga icongereza bakeneye imfashanyo yerekeye insiguro mu zindi ndimi.Iyo karata ikwigwa mu gotomoni, ikaba yerekana ishusho ya TIS National, yagenywe ngo ifashe abaturuka mu bihugu bitavuga icongereza iyo bakeneye umusigizi abafasha ngobashobore gukorana n'ibisata vya Leta, imirwi y'amakominote n'abandi bikorera utwabo.

Igice c'imbere c'iyo karata gifasha umuntu atavuga icongereza gutora ururimi yifuza, inyuma yaho naho ukahasanga ivyerekana aho wotora TIS National y'igihugu. Iyo karata ishobora gukoreshwa n'uwariwe wese muri Australiya avuga urundi rurimi atari icongereza, kandi akaneye canke yifuza umusigizi yo mufasha kwisugura.

TIS National y'igihugu iratanga ayo makarata k'ubuntu mu bisata vyinshi vya Leta, mu mirwi y'amakominote, no mu mashirahamwe akora k'ubuntu kugira bayahe abanywanyi babo batavuga icongereza biciye mu makominote. Urashobora kuronka ayo makarata urungitse imeri k'umurwi wa TIS National bita 'TIS Client Liaison and Promotion team' ushinzwe kuraba abanywanyi kuri tispromo@immi.gov.au

Mumenye : Kenshi TIS National y'igihugu iratangisha amahera iyo uyikoresheje, amafaranga yo gusiguza mu zindi ndimi ashobora rero gutangwa.

TIS National y'igihugu irahaye kaze abanya Australiya bimutse bwegu canke bafise ubunyagihugu boba bifuza gukorana nayo mu gusigura muzindi ndimi, no mugufasha gusigurira abandi baba muri Australiya bavuga izindi ndimi atari icongereza bagakora bafitaniye amasezerano.

TIS irahaye kaze abanya Australiya bimutse bwegu canke bafise ubunyagihugu boba bifuza gukorana nayo mu gusigura muzindi ndimi, no mugufasha gusigurira abandi baba muri Australiya bavuga izindi ndimi atari icongereza. Hamwe woba waranonosoye ururimi rw'icongereza, ukaba usanzwe uvuga n'urundi rurimi, twoguhanura ko wokwiyandikisha ngo ukorane na TIS. Wifuza kumenya ivyerekeye umukuru wa TIS araba mwenayo masezerano hamagara inomero1300 132 621 kuvyerekeye ingene batanga ako kazi n'ibindi bijanye n'ugokora ako kazi.

Guhinduza impapuro zawe z'agaciro

Ubuyobozi bw'uruja n'uruza n'ubwenegihugu (Department of Immigration and Citizenship (DIAC)) burashobora kuguhinduriza mu congereza mufunyafunyo, impapuro zimwe zimwe zifasha kugira woroherwe mu bizima bushasha bwo muri Australiya at'amahera utanze.Izi mpapuro ni nk'ikaratasi z'amavuka ni z'ukubaka, impapuro zokugendesha umuduga, impapuro z'imitsindo y'amashule n' izerekeye akazi wakoze.

Urondera guhinduza at'amahera utanze, utegerezwa kuba uri umwimuka ntayegayezwa canke uri umwenegihugu wa Australiya kandi ukabisaba mu myaka 2 inyuma yaho ushikiye canke uronkeye viza bwegu. Utegerezwa rero gusaba ko bobihinduza ubicishije mu gisata bita **Adult Migrant English Program (AMEP)** cashinzwe kwigisha icongereza abimuka bakuze (raba ibikwirikira).

Ihinduzwa ry'impapuro zindi rirashoboka mubifashijwemwo n'amashirahamwe abirekuriwe mutanze amahera.Raba urotonde rw' abarekuriwe guhindura mu rurimi rwawe kuri website ya **National Accreditation Authority for Translators and Interpreters (NAATI)**

NAATI Hotline	**1300 557 470**
NAATI website	www.naati.com.au/

Igisata cashinzwe kwigisha icongereza abimuka bakuze (AMEP)

Adult Migrant English Program (AMEP)

Kwiga icongereza n'intambwe ya mbere kandi ikomeyeushobor gufata kugira ubeho neza muri Australiya kandi urangure imirimo yawe. Hamwe woba ukwije ivyangombwa, AMEP irashobora kugufasha mu cirwa c'intango c'icongereza kugira bigufashe mu buzima bwa minsi yose no mubijanye n'ibikorwa bimwe bimwe.

Hamwe woba wemerewe muri AMEP urashobora kuronka inyigisho z'icongereza gushika ku masaha 510, canke gushika umenye icongereza kibayabaye , kimwe mur' ivyo coba gishitse ubwambere.Nimba uri umwimuka k'ubuntu woba yagize ingorane nk'ibijanye n'iturubikwa n'itotezwa imbere y'uko uza muri Australiya, canke ukaba ufise amashule abayabaye, urashobora kwemererwa kuronka inyigisho nyinshi z'icongereza.

Bazobanza gupima ukugene uvuga,usoma, wandika n'ingene wumva icongereza kugira barabe ko ifise ivyangombwa vyo kwemererwa mu mashule ya AMEP. Hamwe boba batapimye icongereza cawe hanze igihe windakisha mu gisata kiraba abimuka, bazogupima muri Australiya mu gihe uzoba uriko uriyandikisha muri AMEP.

Utegerezwa kwiyandikisha mu mezi atatu ya mbere ugishika muri Australiya canke uronse uruhusha bwegu rwo kuba mu gihugu. Utegerezwa gutangura ivyirwa mu kiringo c'umwaka, ahandi ho ushobora kubura ubwo buryo bwo kwiga icongereza muri AMEP.Iyo wiyandikishije urashobora kwemererwa gutangura amashule utevye mu gihe arinkenerwa ko wobanza gutunganya ibigoranye mu rugo, gutangura gukora akazi canke utegerezwa kurangura ayandi mabanga.

AMEP ifise uburyo bwinshi bw'ukwigisha icongereza. Hari amashule y'ukwiga iminsi yose canke iminsi imwimwe , ku mugoroba, canke mu mpera z'iyinga. Amashule abera mu muji no mu ntara hagati y'igihugu. Urashobora n'ukwiga utavuye i muhira ukoresheje ubuhinga bita

“distance learning course” canke ukigira i muhira ubifashijwe n’umwigisha.Ufise abana bataratangura ishule igisata kigufasha kumenyera kirashobora kugufasha kurondera aho barabira abana bawe mu gihe uri mw’ishule.

Telefone babarizako	**131 881**
website ya AMEP	www.immi.gov.au/amep
Settlement Services Locator	www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/find-help/where-to-help/index.htm

Mwifuza kwiyandikisha canke kuraba ko wemerewe muri AMEP, raba ishirahamwe rigufasha kumenyera mu gihugu rikwegereye (urutonde rwazo ruri ahakwirikira)

Igisata bita TAFE SA English Language Services (ELS) iratanga inyigisho ya AMEP biciye mu maporgaramu y’imyimenyerezo y’akazi kw’ishule ryosi rya TAFE SA mu ntara yose iyo bikenewe. Muri ikigihe hari Regency, Croydon, the Riverland, Mt Gambier na Murray Bridge.

Mwifuza kumenya ibirenze ngaho :
Tel: **8226 6555**

Intara ya Adelaide CBD
LM Training Specialists Pty Ltd
Level 7, 68 Grenfell Street
PO Box 3641
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8100 7200**
Fax: (08) 8100 7299

Ibisata bita Migrant Resource Centres/Migrant Service Agencies (soma Ikigabane ca 4) , *Where to go for help*) na Centrelink (soma Ikigabane c’i7, *Employment*) birafise navyo inyigigisho zo kuri AMEP n’izindi nzira zokunonosora icongereza.

Uburyo bundi bw’ukwiga icongereza.

Ivyirwa vy’ururimi rw’icongereza bishobora kandi kutangwa biciye mu nteguro zateguwe n’ubuyobozi bw’ubumenyi, akazi, n’imigenderanire yo mu bibanza vy’akazi (Department of Education, Employment and Workplace Relations (DEEWR)) na Leta z’intara. DEEWR ifise integuro 2 zokwigisha abakuze bafise imyaka yo gukora (hagati yimyaka 15 na 64) indimi mubijanye n’akazi.

Integuro yambere ni ico bita **Language, Literacy and Numeracy Program (LLNP)** (Umugambi wo kwigisha icongereza, kwandika, n’ibiharuro) ifasha abobigora kuronka akazi bivuye kungorane zitumwe n’amashule make, canke icongereza kibayabaye ikabaha amasaha 800 yo kwimenyereza mu rurimi, mu kwandika no mubiharuro.

Urashobora kwemerwa muri LLNP hamwe woba warahejeje amashule ya AMEP canke naho utoba waremerewe muri AMEP. Iyi LLNP irimwo kwiga kwandika, kuvuga, kwumviriza no gusoma icongereza, ibiharuro n’ivyirwa vy’imyuga kugira bigufashe kuronka akazi. Kugira wemererwe utegerezwa kuba wariyandikishije kuri Centrelink nk’umuntu arondera akazi(Job Seeker).

Centrelink	**13 1021**
Utavuga icongereza	**13 1202**
Webisite ya LLNP	www.centrelink.gov.au/internet/internet.nsf/services/literacy_numeracy.htm

Integuro ya kabiri n’ico bita **Workplace English Language and Literacy (WELL)** , iporogramui iha imfashanyo amashirahamwe kugira bamenyereze abakozi muvyerekeye inyigisho z’icongereza, ukwandika n’ibiharuro.

WELL Program	**1300 363 079**
Website	www.deewr.gov.au

DEEWR irafise kandi integuro yitwa "**English as a Second Language for New Arrivals " I porogaramu(ESL-NA) Program** ifasha abanyeshule bagishika kandi babirekuriwe bari munsi y' imyaka 18 mu kubaronsa ivyirwa bihanitse vy'icongereza. Iyinteguro yishinze kunonosora ivyirwa vy'abanyeshule bavuye mu bihugu bitavuga icongereza mukwigisha bihanitse icongereza no mukubamenyereza kuja mu yandi mashule asanzwe bitagoranye.

ESL-NA Program	**1300 363 079**
Website	www.deewr.gov.au

Ivyirwa vy'icongereza murashobora kandi kubisanga kuyandi mashirahamwe ajejwe ubumenyi no mubibanza abantu bakunda guhuriramwo. Raba ikigabane 7, *Employment,* n'ikigabane ca 10, *Education and child care*, ahanditse *Vocational education*.

3. Ibisata bishinzwe abitabariza

Iyo witabariza, hamagara **000** uvugane na:

- **Police**
- **Ambulance**
- **Fire Brigade**

Nt'amahera bisaba iyo uhamagaye **000** (triple zero). Wame ufise hafi izina ryawe, aho uba n'inomero za telefone (ugasanga uzifise), n'ibituma uhamagaye

Udashobora kuva icongereza, ubwambere utegerezwa kubarira urya muvugana ku telefone (the operator) ico wifuza (mukuvuga: "**Police**", "**Ambulance**" canke "**Fire**"), hanyuma mugaca muvuga ururimi rwanyu. Bazoca babahuza bunonyene nabo muri Translating and Interpreting Service (TIS National), urabe ntusubize hasi telefone.Umuhinduzi wa TIS azoca afasha polisi, abashinzwe ivy'imiriro, n'abatwara imiduga yunguruza abaremvye kumenya aho mutuye n'ibindi bikenewe.

Polisi

Iyo **witabariza**, hamagara **000** usabe "**Police**".

Kubindi **bitihuta**, hamagarai **131 444** canke ibiro vya polisi bikwegereye. Inomero zabo ziri kurutonde musanga mu gitabo ca telephone citwa White Pages ahanditse 'Police stations'. Ntamahera polisi itangisha mukazi ikora.

Polisi muri Australiya ntaco bapfana n'intwaramiheto, kandi ntaruhara bafise muvya politike. Bashinzwe akazi kugucungera umutekano w'abantu, n' ivyabo, bakarwanya kandi bakarondera inkozi zikibi, bakongera bagatsimbataza amahoro. Polisi irashobora kwinjira muvyerekeye ingo z'abantu iyo habaye amatati munzu canke bashaka kubanguranya abarenganijwe bakubitwa, baturubitswe canke abakanyezi bafatwa kunguvu.

Umuduga wunguruza abaremvye

Mukeneye umuduga wunguruza abaremvye hamagara telefone **000** hanyuma usabe "**Ambulance**". Ben'iyo miduga brafasha vyihutirwa kujana abaremvye mubitaro kandi bakitaho uwuremvye imbere y'uko abonana na muganga. Mwibuke, **NTUSUBIZEKO** telefone naho utoba uvuga icongereza; babarire ururimi uvuga uwuhindura indimi muzindi azoca agufasha.

Mu ntara zimwe, birashika ko ibisata vyashinzwe kunguruza abaremye batarihisha amahera canke bakarihisha ayabayebaye abantu baronka pansiyo ya leta y'Australiya canke abafise irya karata bita Health Care Card (Centrelink iha abantu bariko bafata amahera abayebaye). Birashobora kukuzimba udafise izomfashanyo, nico gituma wokwiyumvira kuba umunywanyi wa "ambilanse" canke y'amashirahamwe yigenga araba integabizoza z'amagara kugira mushobore kuriha bitagoranye. Soma ikigabane ca 11, *The health system*.

SA Ambulance Service **1300 136 272**

Ibisata vyashinzwe kuzimanya umuriro

Iyo witabariza, hamagara **000** uvugane na "**Fire Brigade**". Ico gisata gishinzwe kuzimya umuriro, gutabara abantu mukubakura munzu ziriko zirasha kandi bagafasha mubihe imyuka n'bindi bakoresha muruganda bishobora kuba impambanyi. Iyo bitihutirwa , urashobora guhamagara inomero za telefone usanga mugitabo ca telefone citwa White Pages ahanditse 'Fire brigades'.

Izindi nomero wokenera iyo witabariza

Inomero nzingira kamaro wokenera iyo witabariza ushobora kuzisanga k' urupapuro rwa mbere rw'igitabo c'amatelefone citwa White Pages. Zirimwo :

Igisata gishinzwe kumenyesha ivy'uburozi (Poisons Information Centre) (ikora amasaha 24)	**13 1126**
Child Abuse Prevention Services (CAPS) (Ushobora guhamagara isaha iyariyo yose atamahera atanzwe)	**1800 688 009**

4. Woronka he abagufasha

Ibisata bifasha abimuka bashasha kumenyera

Ubushikirangaji bw' uruja n'uruza n'ubwenegihugu (Department of Immigration and Citizenship) (DIAC) buraha intererano umugambi bita '**Settlement Grants Program' (SGP),** ikaba yashinzwe kwakira no kumenyereza abimuka bwegu baje k'ubuntu n'imiryango y'abimuka bavuga icongereza kibayabaye.

Abazanana n'abimuka bincabwenge harimwo abafise viza z'imfata kibanza nk'abafise viza zabimirije kwabirana (Prospective Marriage) hamwe n'abafise viza y'imfata kibanza y'umucance n'abandi bafise viza bita "Interdependency visa"hamwe nabo baje bazanye baba mu gihugu hagati no mu ntara bafise icongereza kibayabayenabo barashobora kuronke izo mfashanyo.

Uyo mugambi SGP uraha amafaranga amashirahamwe yogufasha barya bagishitse kugira bamenyere kwiyunguganya n'ukugira bagire icobaterereye badatevye mu bandi banya Australiya. Iyo migambi ishobora kuba yerekeye kwigisha ingene Australiya imeze, gutezimbere aho muba n'abomubana , ikabigisha n'ingene mwo kwiyumvamwo komwashitse mu gihugu kandi mufise ico muterera mu bandi atankeka.

Ushaka kumenya vyinshi kuri SGP, n'amashirahamwe aronka imfashanyo ya SGP raba

Settlement Grants Program (SGP)	www.immi.gov.au/living-in-australia/delivering-assistance/settlement-grants/
Settlement Services Locator	www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/find-help/where-to-help/index.htm

Migrant Resource Centres and Migrant Service Agencies

Ico bita "**Migrant Resource Centres (MRCs)"** na "**Migrant Service Agencies "(MSAs)** n'ibisata bifise abakozi bokukumenyesha ibikenewe no kuguha imfashanyo iyo ushitse muri Australiya, cane cane uva mu gihugu batavuga icongereza. Barashobora kandi kukurangira ayandi mashirahamwe y'ingirakamaro. Raba MRC/MSA ikwigereye ahakwirikira hanyuma ab'ariho uzoshika ugendera uhejeje gushika muri Australiya. Ibibanza n'ibi bikwirikira::

The Migrant Resource Centre of South Australia Inc. (MRCSA)
59 King William St
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8217 9500**
Fax: (08) 8217 9555
Email: admin@mrcsa.com.au
Website: www.mrcsa.com

Adult Migrant English Program (AMEP)

Abigisha bawe ba AMEP bazokwigisha icongereza bongera bagufashe gutegera ubuzima bwa minsi yose yo muri Australiya ari ivyerekeye amabanki, gusuma, gusaba akazi no kugira ico uterereye mu karere ubamwo. Abanyeshule mwigana muzoba muhuriza kubitari bike kandi musangire ivyiyumviro vyinshi. Ushaka inyigisho nyinshi kuvyerekeye AMEP, soma ikigabane ca 2, *Help with English*.

Settlement Services Locator	www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/find-help/where-to-help/index.htm

Imfashanyo za mbere zifasha kumenyereza abinjira k'ubuntu

Igisata citwa **Integrated Humanitarian Settlement Strategy (IHSS)** kiritaho bidasanzwe mukwakira no kumenyereza abimuka k'ubuntu, mugihe c'amezi 6, ariko icogihe kirashobora kuba kirekire ku bantu bafisi ingorane zidasanzwe.

Igisata IHSS cishinze imigambi yogufasha abimuka k'ubuntu kugira bamenyere kwibako hakirikare, ikaba rero itanga imfashanyo n'impanuro zijanye n'ibibazo vy'umwumwe. Ingorane z' abimuka k'ubuntu zirirwa n'abagenywe kubaraba kandi babifitiye ubuhinga hanyuma bagaca bafatira hamwe imigambi yo kuzitorera umuti.

Ushaka kumenya vyinshi kuri IHSS, n'ibisata vya shinzwe ivya IHSS urashobora kubironka kuri

Integrated Humanitarian Settlement Strategy (IHSS)	www.immi.gov.au/living-in-australia/settle-in-australia/find-help/ihss

Amashirahamwe akomoka ku bihugu vy' amavuka y'abimuka

Hari amashirahamwe menshi akomoka ku bihugu vy' amavuka y'abimuka (Ethnic and community organisations) bashobora kugufasha canke bakakurangira abogufasha. Hariho kandi icobita club, amashirahamwe, n'inzego z'amadini woshobora kwiyandikishamwo ngo ube umunywanyi. Uzosanga ahanditse 'Clubs' and 'Organisations' mu gitabo ca telefone citwa Yellow Pages. Migrant Resource Centre canke Migrant Service Agency yawe nabo bazonezerwa nogukurangira urutonde rwayo mashirahamwe ahuye n'ivyiyumviro vyawe.

Mwegere ahakwirikira , mushaka kumenya vyinshi:

Aboriginal Catholic Ministry - The Otherway Centre
185 Pirie Street
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8232 1001**

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka b'abanyafganisita n'imiryango y'abimuka bavuga icongereza gike, mu bice vy' Adelaide.

African Communities Council of SA Inc.
59 King William Street
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8217 9500**

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka b'abanyafrika bavyemerewe baba mu bice vy'Adelaide.

Middle Eastern Communities Council of South Australia Inc.
59 King William Street
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8217 9500**

Ifasha kumenyereza, igatanga inyigisho, ikigisha n'ingene imiryango ituruka mu ntara bita " Middle East" baba muri Adelaide bomenyera kwibako.

Migrant Resource Centre of SA Inc.
59 King William Street
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8217 9500**

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka n'imiryango y'abimuka bavuga icongereza gike .

Australian Refugee Association Inc.
304 Henley Beach Road
UNDERDALE SA 5032
Tel: **8354 2951**

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka n'imiryango y'abimuka bavuga icongereza gike mu bice vy'Adelaide,harimwo gufasha abakenyezi b'anyafrika n'abasudani

Hariho imigambi yerekeye uburaro ifasha abimuka k'ubuntu n'imiryango y'abimuka bavuga icongereza gike kugira baronke uburaro muri Adelaide.

Baptist Community Services SA (Inc)
35-39 King William Road
UNLEY SA 5061
Tel: **8357 1755**

Irafasha mu kurihira amafaranga makeye urwaruka rw'impunzi ruheruka gushika .Bitaho ubwambere abanywanyi bafise abavyeyi badafise uruhusha rwo rwutwara umuduga kugira babafashe kwiga gutwaza. Abatorwa mur'uyumugambi bazokwiza amasaha 50 yo kwiga kugira baronke uruhusha mfata kibanza rwo gutwara imiduga.

Limestone Coast Multicultural Network
12 Percy Street
MOUNT GAMBIER SA 5290
Tel: **8724 7628**

Ifasha kumenyereza, igatanga inyigisho. Abanyagihugu barafashije mu kwigisha no mugitez'imbere imigambi nko mu vyerekeye kwitanga, gutegura neza impango, kunonora imitsi no mu kwigisha gutwara imiduga. Irigisha kumenyera ubuzima busha mu ntara za 'South East' abimuka k'ubuntu n'abazananye n'abimuka batowe k'ubuhinga bwabo hamwe n'imiryango y'abimuka bavuga icongereza gike.

Multicultural Youth South Australia Inc.
Shop 9, Miller's Arcade
28 Hindley Street
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8212 0085**

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka b'ugwaruka bafise imico itandukanye muri Adelaide.

Muslim Women's Association of SA Inc.
Room 4, 220 Victoria Square
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8212 0800**

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka k'ubuntu b'abakenyezi bo mw'idini y'abasilamu n'imiryango y'abimuka mu bice vy'Adelaide.

Riverland Multicultural Forum
23 Wilson Street
BERRI SA 5343
Tel: **8582 2288**

Kuronsa inyigisho zikwiye, gufata mu mugongo no kuvugira abimuka baherutse gushika, abazananye n'abimuka bijanye n'ubuhinga bwabo n'imiryango ivuga icongereza gike mu bice vya Riverland.

Lutheran Church of Australia - SA / NT District
Lutheran Community Care
309 Prospect Road
BLAIR ATHOL SA 5084
Tel: **8269 9300**

5 Marchand Street
MURRAY BRIDGE SA 5253
Tel: **8404 7391**

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka b'abanyafrika n'abaturuka mu ntara ya "Middle East" muri Adelaide.

Imigambi y'ukunonora imitsi n'ukuvugira mu maradio birafasha urwaruka n'abakiri bato baturuka mu makominote mashasha n'imiryango yabo kugira bumve ko bashitse mu gihugu kandi bagire icobaterereye mw'iterambere ry'igihugu.

Ivyategekanijwe kumenyereza abimuka, imiryango y'abimuka, n'abazananye n'abimuka bijanye n'ubuhinga, bavuga icongereza gike mu bice vya Murraylands.

Vietnamese Community in Australia SA Chapter Inc.
62 Athol Street
ATHOL PARK SA 5012
Tel: **8447 8821**

Ivyategekanijwe kumenyereza imiryango y'abimuka y'abaviyetenamu bavuga icongereza gike muri Adelaide, harimwo imigambi yagenewe urwaruka.

Muri South Australia, ico bita "**South Australian Multicultural Settlement Services Consortium" (SAMCSS)** itwarwa na **Migrant Resource Centre of South Australia (MRCSA)** n'iyo yagenywe ngo ifashe kumenyera ubuzima busha abaheruka kwimuka. Ivyo SAMCSS yetegekanijwe kufasha n'ibi bikwirikira:

- Gukwirikirana umuntu wese, ukamufasha muvy'akeneye, ukanamurangira ahandi ashobora kuronka ibindi vya nkenerwa, no k'umwereka ingene yotumako abiwe
- Kwakira abagishika , bakabafasha
- Ibijanye n'uburaro, harimwo kuronka aho abantu baba n'ukubaha ibikoresho vyo mu nzu
- Kuremesha, mu gihe gito, abahababukiwe
- Kuvugira kandi ugaha inyigisho amakominote kugira bafashe amashirahamwe yabigenywe ngo ashobore gutorera umuti ingorane z'abimuka bashasha.
- Gufata mu mugongo abantu bitanga mugufasha abandi

Ibisata bifasha urwaruka

Abakorana n'urwaruka n'abantu bavyigiye kandi babikozemwo iminsi. Bakorera mu bisata vyagenewe gukwirikirana urwaruka (Youth Centres), ibisata vyakira abimuka n'ubutegetsi bw'akarere barafasha mubikenewe vyose, z'aba imfashanyo canke ibijanye n'ibindi bikorwa vyose bakabibatura mu mutekano.

Webesite yitwa **The Source** niyo website ya Leta Nkuru ya Australiya itanga inyigisho nyinshi kubiraba urwaruka.

Kids Helpline (24 Hour Line)	**1800 551 800**
Website y'abafasha abana (Kids Help)	www.kidshelp.com.au
The Source	www.thesource.gov.au

Imfashanyo n’impanuro vyerekeye amategeko

Mu butegetsi bw’intara hariho amashirahamwe yigisha abantu uburenganzira bwabo n’ivyo bashinzwe kubahiriza n’ingene bomenyera kutegera ibijanye n’amategeko n’ubutungane bw’igihugu.

Legal Services Commission of South Australia **1300 366 424**

82-98 Wakefield St

ADELAIDE SA 5000

Wufiza abagufasha kubijanye n’amategeko araba amapensiyo mubaze:

Welfare Rights Centre (South Australia) Inc **8226 4123**

220 Victoria Square

ADELAIDE SA 5000

Amatati yo miryango

Hari amashirahamwe menshi afasha abakubitwa mu ngo n’abandi barenganijwe. Murayo harimwo ihotererwa ryo mu miryango. Ayandi arafasha abashingantahe, abakenyezi n’imiryango yabo kwirinda ivyo bashavuza, arivyo bituma haba amatati n’ihotorwa mu ngo. Tubahanuye gusoma ikigabane ca 5, *Australian customs and law*.

CAPS website	www.childabuseprevention.com.au
Child Abuse Prevention Services (CAPS) (24 Hour Freecall Crisis Line)	**1800 688 009**
Violence Against Women (24 Hour Helpline)	**1800 200 526**
Violence Against Women Website (n’izindi nkuru mundi zindimi atari icongereza)	www.australiasaysno.gov.au
The Domestic Violence Crisis Services Inc.	**1300 782 200**
Domestic Violence Service Inc.	**8255 3622**
Domestic Violence Helpline	**1800 800 098**

Uburenganzira bw’ abaguzi

Ubutegetsi bw’intara yose burafise ibiro vya Leta bishinzwe ivyerekeye abaguzi n’ukuraba ko urudandazwa rugenda neza. Muri South Australia, ico bita **Office of Consumer and Business Affairs** iraha impanuro abaguzi barenganijwe mu rudandazwa haba mu vyerekeye ingene ibiguzi vyahinguwe canke ingene bakora. Barahanura mu vyerekeye ivyo bita “warranties”(kwemeza ko ibintu bikomeye), gusubiza canke ivyerekeye impanuka zova ku bidandazwa.

Ibiro vyitwa **Ombudsman** babishizeho kugira bitohoze abidogera amashirahamwe ya Leta n’ayandi yigenga mu birere bimwe bimwe. Barafise ububasha bwoguhagarikira ivyo vyose bitajanye n’amategeko, birimwo akarenganyo canke abakumira abandi, canke bakaguhagarikra gukira nturenganywe muvyo urondera.

Igisata citwa **Australian Communications and Media Authority (ACMA)** kiratohoza abobose bidodombera ivyasohowe muburyo budashemeye n’ abashinzwe kumenyesha amakuru yaba amatelevisiyo, amaradiyo na internet. Udashimishijwe nivyo waronse wobanza kubishikiriza ababiguhaye, hanyuma utaronse inyishu ishimishije ugaca ubishikiriza igisata ca ACMA. Ushaka kumenya ibirenze kuri ibi, raba:

Australian Communications and Media Authority (Freecall)	**1800 226 667**
TTY (Kubiragi n’impunmyi)	**(03) 9963 6948**
ACMA website	www.acma.gov.au

Igisata citwa **Australian Competition and Consumer Commission (ACCC)** kirafasha abarangenijwe murudandazwa haba mu biciro, canke ibindi vyerekeye ingene ibiguzi vyahinguwe.

Zimwe mu nomero mwobarizako n'izi:

Australian Competition & Consumer Commission	**1300 302 502**
Commonwealth Ombudsman	**1300 362 072**
Advertising Standards Bureau	**(02) 6262 9822**
Banking and Financial Services Ombudsman	**1300 780 808**
Credit Union Dispute Resolution Centre	**1300 780 808**
Financial Ombudsman Service	**1300 780 808**
Insurance Ombudsman Service	**1300 780 808**
Financial Co-operative Dispute Resolution Scheme	**1300 780 808**
Private Health Insurance Ombudsman	**1800 640 695**
Superannuation Complaints Tribunal (SCT)	**1300 780 808**
Telecommunications Industry Ombudsman	**1800 062 058**
Office of Consumer and Business Affairs SA	**8204 9777**
South Australian Ombudsman	**8226 8699**
Outside metropolitan Adelaide	**1800 182 150**

Ubutegetsi bw'akarere

Urashobora kandi kwegera ibiro bijejwe intara canke umuji ubamwo kugira bakwereke vyankenerwa ushobora kuronka mu karere ubamwo. (Raba ikigabane ca 14, *Local Government.*)

The Australian Government Regional Information Service (AGRIS)

Igisata bita **Australian Government Regional Information Service** cishinze kumenyesha ivyerekeye Leta nkuru ya Australiya n'imigambi yo muntara ziri hanze y'ibisagara bikuru. Kira sohora igitabo citwa '**Australian Government Regional Information Directory**', ushobora kuronka uciye ahakwirikira:

Australian Government Regional Information Service	**1800 026 222**
AGRIS Regional Entry Point website	www.regionalaustralia.gov.au

Imfashanyo yihutirwa

Iyo ukeneye imfashanyo yihutirwa ari iyerekeye imfungurwa, impuzu, ahukika umusaya, canke aho woronka ibikoresho vyo munzu, urashobora kwambambira amashirahamwe ategamiye Leta nka:

The Salvation Army
Tel: **8379 9388** or **8277 0199**
Website: www.salvos.org.au

St Vincent de Paul Society
Tel: **1300 729 202**
Website: www.vinnies.org.au

The Smith Family
Tel: **8224 1400**
Website: www.smithfamily.com.au

Ntutinye gusaba imfashanyo. Birashoboka ko bosaba ivyemeza ko uyikeneye, kandi hari amashirahamwe menshi ashobora gufasha abantu mu buryo bwinshi.Kugira munyene ivyankenerwa biri mu karere mubamwo mwo kwegera 'Migrant Resource Centre', ayandi

mashirahamwe ategamiye Leta nka 'Australian Refugee Association'(isharahamwe riraba impunzi), amashirahamwe y'amasengero, n'ubutegetsi bukwegereye.

Kurondeza incuti

Ishirahamwe **Australian Red Cross** irafise uburyo bwokurondeza incuti mwatanye bitumwe n'ingwano, umutekano muke n'yandi mabi.

Australian Red Cross
Red Cross House
207 – 217 Wakefield St
ADELAIDE SA 5000
Tel: **8100 4500** or **1800 246 850**
Website: www.redcross.org.au

Guhanuza ku telefone mu bihe vy'intambamyi

Hari uburyo bwinshii ushobora kuronkamwo impanuro biciye mu telefone, nka **Lifeline** itang'impanuro amasaha ayariyo yose, iminsi yose , mubihe vy'intambamyi at'amahera utanze. Ushobora kuba wumva ko wihebuye,wipfuza gusa kuganira n' umuntu, canke ushaka kuvugisha abahanuzi baruhariwe muvyerekeye ivy'amafaranga, ivy'akamari n'ivyurwaruka.

Lifeline (24 Hour Crisis Line)	**13 1114**
Lifeline website	www.lifeline.org.au

Impanuro zitangwa mungo z'abubatse n'iyindi mibano

Ishirahamwe **Relationships Australia** riratanga impanuro, inyigisho, kandi ikuzuriza, abatase. Baratangisha amahera bijanye n'uburyo bw'umwumwe. Bikenewe, barashobora kukuronsa n'abagusigurira mu rurimi rwawe.

Relationships Australia	**1300 364 277**
Country Callers	**1800 182 325**
Address	**55 Hutt St**
	ADELAIDE SA 5000
Relationships Australia website	www.relationships.com.au

Ishirahamwe citwa **Men's Line Australia** riratanga impanuro, rikamenyesha ibintu n'ibindi , rikaranga n'ahandi woba ukeneye kugira rifashe abashingantahe bafise ingorane mu miryango yabo canke mu mibano yambere bagize bacubaka. Rirafata mugongo abakenyezi, n'abandi bo mu muryango bafise ingorane n'abo bubakanye, abagabo, n'abase babana, kandi rikabamenyesha n'ibindi nkenerwa. Ushaka kumenya ibirenze kuri ibi raba ahakwirikira:

Men's Line Australia (24 Hour Line)	**1300 789 978**
Men's Line Australia website	www.menslineaus.org.au

Kuremesha abahababukiwe

Ico bita **'Survivors of Torture and Trauma Assistance and Rehabilitation Service' (STTARS)** riraremesha kandi rigafata mu mugongo abantu bahababukiwe.

Ntiyegemiye ivy'amapolitike canke ivy'amadini kandi ivy'ikora biguma mw'ibanga kandi ikabikora k'ubuntu.Iryo shirahamwe riratanga abasigura mu zindi ndimi.

STTARS	**8346 5433**
Website	www.sttars.org.au/

Ibisata biraba ibijanye n' amafaranga

Muri Australiya, uzosanga hari urudandazwa rurwiriye rw'amabanki, rw'amashirahamwe y'integabizoza, rw'amapansiyo n'urw'amashirahamwe y'ububiko. Akazi k'amabanki karangurwa n'ababifitiye uruhusha rwa Leta. Birahanwa n'amategeko gukora urundandazwa rw'abanki utabifitiye uruhusha.

Understanding Money Website www.understandingmoney.gov.au/content/

Har'abantu batizigirwa bazogerageza kukwiba bugunda ngo ubahe amahera yawe. Ufise ikirego kijanye n'ukubika amafaranga, ideni ry'urudandaza, isharahamwe y'integabizoza, pansiyo, ibanki n'ububiko bwawe canke impanuro waronse zijanyen'ukuziganya, canke ukaba utumva canke udatomorewe n'ingene uziganya, egera **Australian Securities and Investments Commission (ASIC)**.

ASIC Infoline **1300 300 630**

ASIC website www.fido.asic.gov.au

Ibijanye n'amabanki

Amabanki, amashirahamwe bita 'building societies' na 'credit unions' nizo zarekuriwe gukora ibikorwa bijanye n'ukuziganya. Ushaka gusohora amahera muri banki, ushobora kuja muri banki , canke ugakoresha ikarata ifise inomero yihishije bita **PIN** (Personal Identification Number)) ukaronka amafaranga avuye **muruhome rwo hanze**, **ATM** (Automatic Teller Machine). Ntiwandike iyo nomero yihishije (PIN) kuri karata yawe. **Mugihe ikarata yawe yotakara canke bakayiba – bimenyeshe mu maguru masha banki yawe.**

Ingurane n'amadeni

Ico bita loan or credit nihary' ugurana amahera ukuyasubiza haciye igihe bongeyeko akarusho, bita inyungu. Zimwe mu ngurane zitangwa hari ingurane yokugura ibintu bisanzwe, ingurane y'inzu, ico bita 'credit cards', n'iyindi bita ' overdrafts'. Igiciro c'ingurane kizorutana cane bivuye ingene iyo ngurane imeze, uwuyitanze, igihe uzoririhira, inyungu n'ibindi bijanye. **Ntakamaro ko gufata ingurane canke gukoresha creditkade (credit card) udashobora kuririha.**

Usanze bigoye kuriha ingurane yawe kubera urwaye canke wavuye mukazi, urashobora gusaba ko buguhindurira uburyro uzohora uriha. Ukeneye impanuro gera:

Centrelink's Financial Information Service **13 2300**

Ico bita Financial counsellors (abahanuzi mu vy'amatungo) riratanga impanuro at'amahera batse. Kugira umenye aho bahanuzi bari mu karere ubamwo egera "Australian Securities and Investments Commission' (ASIC) canke urabe website ya ASIC's.

Inyigisho z'abaguzi n'impanuro zerekeye kutegekanya amafaranga

Ico bita 'Migrant Resource Centre' n'ayandi mashirahamwe afasha abimuka zirafasha abanywanyi bazo gukoresha amafaranga yabo neza.

Ubushikiranganji bujejwe imibano n'ibikorwa rusangi burashobora nabwo nyene gutanga impanuro mu vyerekeye amatungo. Iyo mufise ingorane z'amafaranga, tubasavye ngo muce murondera mudatevye abobafasha.

Mushaka kumenya ibiro vyerekeye imibano n'ibikorwa rusangi bikwegereye, tubasvye ko mwo hamagara **(08) 8226 8800**.

Amashirahamwe y'integabizoza

Insurance ni hamwe uriha amafaranga ku mwaka kugira wikingire impanuka zotuma uhomba hageze igishitse. Integabizoza zizwi cane n'ugukingira impanuka zoshika ku inzu, ku ibintu vyo munzu, no k'umuduga. Utunze umuduga n'itegeko gufata ico bita 'third party insurance" igukingira ukomerekeje uwundi muntu mu mpanuka. Murashobora gufata ico bita 'comprehensive car insurance' igukingira kuruta.

Igisata gifasha muvy’amakori

Umwaka w’amakori w’ Australiya (or 'financial year') ihera itariki 1 Mukakaro igashika itariki 30 Ruheshi. Mu mategeko ya Australiya abantu nkabose bategerezwa kwuzuza impapuro z’amakori bakazirungika kuri biro vy’amakori y’Australiya hagati y’itariki 30 z’ukwezi Ruheshi n’itariki 31 z’ukwezi Gitugutu ukumwaka utashe.

Ico bita **‘Tax Help’** iboneka ku bantu bafise uburyo bubayabaye, nk’abatama, abaturuka mu bihugu bitavuga icongereza, aba Aboriginal canke aba Torres Strait Islander canke bafise ubumuga. Igisata gifasha muvy’amakori (Tax Help) nt’amahera gisaba, kandi kiboneka kuva itariki 1 Mukakaro gushika 31 Gitugutu. Mwifuza kumenya ko mwemerewe n’ahegereye igisata gifasha mu vy’amakori **(Tax Help Centre)** yegereye hafi yaho uba hamagara:

Tax Help **13 2861**

5. Imigenzo n’amategeko y’Australiya

Kumenya n’ugutohoza imigenzo n’amategeko y’Australiya bizogufasha kugira ubuzima bwiza mubandi banya Australiya.

Australiya n’igihugu cihanganira abandi kandi kigizwe n’abantu bafise imigenzo n’ubwoko butandukanye. Abanya Australiya baturuka mu mihingo yose yo kwisi. Hafi ibice 45 kw’ijana bakuriye hanze canke bafise umwe mubaveyi yavukiye hanze. Naho icongereza arirwo rurimi rw’igihugu, muri Australiya bavuga indimi zishika 300 harimwo n’indimiz’abenubutaka. Australiya kandi irafise amadini atandukanye.

Muri Australiya, umuntu wese arafise uburenganzira bwoguserura ivyiyumviro vyiwe kandi akagumya ibiranga imigenzo n’idini ryiwe, bijanye n’amategeko, akagira ica atereye mubandi, akongera akiyumvamwo ko ari umunya Australiya. Muminsi yambere bizokugora kumenyera ivyo bintu.Ariko ur’umuntu y’umvira kandi yubaha abandi bantu, ategera ivyiyumviro vy’abandi n’imigenzo y’abandi ntacokubuza kumenyera n’ukugira ubuzima bwiza.

Ibikwega n’akaranga kacu (Responsibilities and values)

Urwidegemvyo ufise muri Australiya ruzogira ico rukumariye bivuye ingene umuntu wese yorangura neza ibimwega. Turizeye yuko utazohemukira Australiya, kandi ko uzoshigikira ukuntu twubahiriza intwaro rusangi yacu kandi ugafasha kugumya akaranga ka Australiya mu kwemera abandi, mu kutabakumira no mu kutarenganya abandi

Ibiituranga bifasha Australiya kuba igihugu cigenga, kandi bigatuma turonka intwaro rusangi.

Muri ivyo harimwo:

- Kwubahiriza itunga, ubuntu, n’urwidegemvyo bw’umuntu
- Kugira uburenganzira bwo guserura iciyumviro wifuza
- Kugira uburenganzira bwo kutora idini wifiuza na Leta y’abahumure
- Kugira uburenganzira bwo kuja mu murwi wifuza
- Gushigikira demokrasi igenga abashingamateka hamwe n’ukwubahiriza amategeko
- Kwemera kobose bangana imbere y’amategeko
- Kwemera ko abagabo n’abakenyezi bangana
- Kwemeza ko uwariwe wese afise uburyo bwo gutera imbere
- amahoro
- agatima kemeza kobose bangana bijana no kwihangana, kubahana no n’ukugirira imbabazi abobose bafise ingorane.

Kurwanya akarenganyo

Urafise uburenganzira y’uko wokubahwa kandi ko ingorane zawe bozitaho co kimwe n’izabandi bose. Nawe wumve ko utegerejwe kubaha abandi, bavukiye muri Australiya canke arabimukiye ngaha.

Mu mategeko arwanya akarenganyo ya Leta nkuru na y’Intara nta muntu yorenganywa bitumwe n’imyaka yiwe, ubwoko, igihugu c’amavukiro, igitsina, ko wubatse canke utarubaka, ko wibungenze, ivyiyumviro vya politike canke ivy’amadini,amashule, ubumuga canke ingene uzokubaka. Ibi bitegerezwa gukwirikizwa aharihose, haba, mukazi, mumashule, muvyerekeye uburaro, kugura ibintu, n’ububasha bwo gushikira umuganga, mu bamabanki, n’amahoteri. Abagabo n’abagore barangana imbere y’amategeko, nibindi ivyarivyo vyose.

Kuvakera narindi, Australiya yamye yubahiriza uburenganzira bw’uguserura ivyiyumviro ushatse. Ariko birahanwa gutukana, gusuzugura, gukorera ikibiuwundi canke gutera

ubwoba uwundi muntu canke akarwi k'abantu bifatiye k'ubwoko, igitsina, ko wubatse canke utarubaka, ko wibungenze, kubera ivyiyumviro vya politike canke vy'amadini.

Umugambi witwa **Living in Harmony** (kubana mu mwumvikano) ya Leta Nkuru ihimiriza akaranga ka Australiya nkuko bahejeje kubisigura, ugufashanya n'ukumvikana hagati y'abantu baturuka mubice bitandukanye. Wishinze kandi gutorera umuti ikibazo co kutihangana. Uyo mugambi urangurwa ubicishije:

- Mu maproje y'intwaro zohasi
- Mugufadikanya n'ayandi mashirahamwe ya Leta
- Umugambi wokubitangaza hose, harimwo guhimbaza ico bise Harmoney Day uba itariki 21 Ntwarante ukumwaka utashe.

Wifuza kumenya vyinshi kuri ibi , hamagara:

Living in Harmony website	www.harmony.gov.au
Funded community projects	**1800 782 002**
Harmony Day	**1800 331 100**

Igisata kijejwe uburenganzira bw'ikiremwa muntu ca Australiya(Human Rights Commission) n'ico yubahiriza amategeko ya Leta nkuru y'Australiya bijanye n'ukwubahiriza ubuzima bw'ikiremwa muntu, n' ukurwanya akarenganyo , n'ivyerekeye ubutungane bwa bose.

Australian Human Rights Commission	**1300 369 711**
TTY (kubiragi n'impumyi)	**1800 620 241**
Website ya HREOC (harimwo ivyerekeye izindi ndimi atari icongereza)	www.hreoc.gov.au

Guhasha inkozi z'ikibi

Ikibi cosigurwa nkuko ari umwigenzo uw' ariwo wose utajanye n'amategeko kandi ushobora guhanwa. Umuntu uw' ariwe wese ategerezwa kubahiriza amategeko yose ya Australiya. Ido nido kuvyerekeye ivyo n'akazi polisi yashinzwe muri Australiya, genda kuri iyi website www.apmab.gov.au/pubs/PoliceGuide.html (iboneka mu ndimi 8).

Wabonye inkozi y'ikibi canke ukaba ufise ibintu vyofasha polisi kwamira ako kabi hamagara:

Crime Stoppers	**1800 333 000**

Ivyerekeye amadini n'ibiraba akaranga bitegerezwa kwubahiriza amategeko y'Australiya. Nk'akarorero, amategeko ya Leta z'intara arahana abatubahiriza ibitsina vy'abantu n'amatati mu ngo.

Amatati yo mungo no mu miryango

Co kimwe no mubindi bihugu, gukubita umuntu muri Australiya birahanwa n'amategeko kandi baravyihaniza cane. Muribi harimwo, kurwana mungo, no k'ugubita uwo mubatse hamwe , ariyo bita ihotorwa ryo miryango. Iyi n'inyifato ituma uwuhotorwa agira ubwoba bwo gukubitwa, gufatwa k'unguvu, gutukwa, k'umwugaranira ukwawenyene, canke kumureka akibako wenyene at'amafaranga afise yo kubaho.

Violence Against Women (telephone ifasha amasaha 24)	**1800 200 526**
Violence Against Women website (harimwo ivyerekeye izindi ndimi atari icongereza)	www.australiasaysno.gov.au
The Domestic Violence Crisis Services Inc.	**1300 782 200**
Men's Line Australia (Telefone ikora amasaha 24)	**1300 789 978**
Men's Line Australia website	www.menslineaus.org.au

Umwaka wemejwe n'amategeko kohageze kubaka

Umwaka wemejwe n'amategeko kohageze kubaka (**legal age of consent)**, ivyo bisigura, umwaka wemewe n'amategeko kohageze guhuza ibitsina n'uwundi muntu, iratandukanye muri Australiya bivuye kuntara. Biratandukanye n'mategeko gusambanya uwowese atarishikana imyaka yo kubaka kandi hashobora kuba ibihano bikomeye kuri uwowese ajakubiri n'amategeko.

Mu ntara ya Australiya yo mu bumanuko umwaka wemejwe n'amategeko ko hageze kubaka n'imyaka 17 k'umugabo canke k'umukenyezi. Iri tegeko ryubahiriza urwaruka kugira ntirutyozwe.

Murashobora kutohoza vyinshi kubiraba imyaka yemewe kubaka mubibajije muganga canke mugiye ku mavuriro araba amagara y'ibitsina,n'amavuriro araba kuvyarira k'urugero:

Sexual Health Information Networking & Education	**8300 5300**
Sexual Health Hotline	**1800 188 171**
Youth Health Line	**1300 131 719**

Uburenganzira bw'abana

Australiya cariyemeje gukingira uburenganzira bw'abana, ivyo navyo bigashobora kuba bitandukanye n'imico imwimwe kubijanye n'irera ry'umwana. Mu mico imwe itajanye n'amategeko y'Australiya harimwo kutegeka kunguvu kwubaka hakiri kare no guca ibice bimwe vy'irondoka ry'abakenyezi. Amategeko arabuza kandi kurungika umwana mu kindi gihugu kunguvu kwubaka hakiri kare no guca ibice bimwe vy'irondoka ry'abakenyezi, canke ugatuma uwundi ngo abitegekanye. Hari amashirahamwe yagenywe ngo akwirikirane iyi nyifato

Amategeko arubahiriza abana kubijanye no kubakubita, ubuhumbu, no kubaturubika, kutabitaho bikwiye canke kubafata nabi, habi i muhira canke kw'ishule, n'ingombwa rero ko hotegekanywa imigambi ikwiye kugira hame hari umuntu abitaho kandi akabaraba neza.Si vyiza ko bohana bakoresheje inguvu kandi amategeko arahana iyo bakubise umwana akababara cane. Ntivyemerewe mw'ishule.

Where a practice harms or is likely to harm a child or young person Ibisata bijejwe kubahiriza abana birashobora gufata imigambi kugira bamenye ko bafashwe neza kandi bamerewe neza m'ubizima bwabo. Ari wewe canke uzi umuntu wese akenewe gukingirwa kubijanye n'ugufatwa nabi canke arenganywa, utegerezwa kubibarira polisi canke igisata kijekwe kubahiriza abana.

Gukingira umwana

Child Abuse Prevention Service (CAPS) (amasaha 24 uratelefona telephone y'ivyihutirwa)	**1800 688 009**
CAPS website	www.childabuseprevention.com.au

Guhata umuntu kubaka ku nguvu imbere y'imyaka

International Social Service (ISS) Australian Branch	**1300 657 843**
ISS website	www.iss.org.au

Ibijanye n'amagara n'uburenganzira bw'umukenyezi

Imico yo kugabanya ibice vy'irondoka vy'abakenyezi (gukata), n'ibindi vyose bishobora guhindura ibice vy'irondoka vy'ab' akenyezi kandi bitavuye ku mvo z'amagara biratandukanye n'amategeko ya Australiya. Amategeko arabuza kandi kurungika umwana mu kindi gihugu kunguvu kwubaka hakiri kare no guca ibice bimwe vy'irondoka ry'abakenyezi, canke ugatuma uwundi ngo abitegekanye. Abakenyezi n'abakobwa bashitse

muri Australiya bashobora kuba bafise ingorane z'amagara bivuye kur'iyo mico.Hari amashirahamwe yagenywe ngo abafashe

Women's Information Service (WIS)	**1800 188 158**
WIS website	www.wis.sa.gov.au

Kugendesha imodoka

Gutwara imodoka muri Australiya, utegerezwa kuba ufise uruhusha rwo gugendesha kandi umuduga ukaba uzwi muri Leta. Kuvyerekeye impusha zokundesha imodoka n'ingene bandikisha imodoka mu mategeko, raba ikigabane ca 1, *What to do soon after arrival*.

Igihe utubahiriza canke urenga amategeko y'ukugendesha imodoka ushobora gutanga ihadabu rikomeye, bakakwaka uruhusha, n'ugufungwa ukanafungwa. Kukoresha itelefone yo mu maboko, birahanwa n'amategeko kiretse iyo ukoresha icobita 'handsfree' kit.

Hari imikaba yo mu ntebe y'imiduga (kandi bita 'restraints') mu modoka zose ku bantu bakuze n'abana bageza haruguru. Kubana bato n'impinja urakeneye udutebe twabigenewe turekuriwe na Leta. Amategeko avuga ko umuntu wese ari mu modoka yawe ategerezwa kwambara umukaba canke akaba ari mu gatebe kabigenewe, hanyuma igihe ushikiwe n'impanuka y'imodoka mw'ibarabara utegerezwe kubishikiriza polisi mu maguru masha.

Mu bice bimwe birashoboka ko wokotesha imikaba y'intebe umwana yicaramwo.Mwifuza kumenya aho ayo mashirahamwe afasha aherereye mu bice murimwo baza:

Kidsafe SA	**8161 6318**
Help in languages other than English	**131 450**
Website	www.kidsafe.com.au

Amategeko arahana bikomeye abiruka birenz' urugero n'abatwaza banyoye inzoga. Ibipimo vyemewe vy'inzoga ziri mu maraso zirarutana bivuye ku ntara canke k'uruhusha ufise rwo kugendesha imodoka. Amategeko arahana abatwaz' imodoka bariko baranywa inzoga. Ushaka kumenya ibirengaho raba:

Alcohol Guidelines	**1300 131 340**
Website	http://www.alcohol.gov.au/internet/alcohol/publishing.nsf/Content/guidelines

Ibiyayuramutwe, kunywa itabi n'ukunywa inzoga

Har'amategeko menshi araba abatunze n'abakoresha ibiyayuramutwe. Abarenga ku mategeko y'ibiyayuramutwe bashobora kuronka **ibihano bikomeye**. Amategeko y'ibiyayuramutwe muri Australiya ari kubiri; hari ayaraba abakoresha bitarekuwe, ibiyayuramutwe, n'ayaraba ababigizemwo urudandaza mukurugurisha , mu kururima, canke mu kurudandaza.

Muri Australiya, ibibanza babuza kunyweramwo itabi biriko biragwira; muri ivyo harimwo ibiro vya Leta, amavuriro, no mubundi buzi. Kunywa itabi mu mazu bagurishirizamwo imfungurwa hamwe no mu mangazini naho nyene kirazira kunywa itabi muntara nka zosi. Ibibanza batanyweramwo itabi , birafise akamenyetso kanditseko, 'no smoking', ariko si misi yose,

Birabujiwe kudandaza itabi ku bana batarashikana imyaka yagenywe 'minor' (n'ukuvuga umuntu atarashikana imyaka 18). Kugurisha itabi kubadafise imyaka yagenywe birabujijwe mu ntara nka zosi.

Kunywa inzoga muri Australiya birarekuriwe, ariko mu bibanza vyagenywe no kugihe kirekuriwe. Amategeko arabuza kudandaza inzoga k'umuntu atarashikana imyaka 18 (a minor). Kirazira kandi, mu mategeko, k'uwutarashikana imyaka irekuriwe(minor) kunywa inzoga , kiretse mu bibanza vyigenga nka amazu. Kunywera inzoga mu bibanza bimwe vyagenewe bose navyo nyene birabujiwe.

Australian Drug Information Network www.adin.com.au
(harimwo ivyerekeye izindi ndimi atari icongereza)

Ibidukikije

Isukurwa ry'ibidukikije n'ukwitwararika isi yacu n'ikintu gihambaye ku banya Australiya. Amategeko arahana abata imicafu ahariho hose, abonona ibidukikije,n'abata imyavu mu buryo butarekuriwe. Ibikoko vyo mw'ishamba, amafi, udukoko two mumazu n'ibiterwa birubahirizwa n'amategeko. Ntuhirahire ng'uhige, urobe, ngo wamure ibiterwa, canke ngo utoratore udokoko duto turibwa atabanje kubaza ko ubifitiye uruhusha.Kandi hari amategeko yagenywe ngo yubahirize icobita National Parks (amashamba akingiwe) kugira ntivyononekare.

Urwamo rurengeye

Hari amategeko akingira abanya Autraliya kuvyerekeye urwamo rurengeye. Amategeko aratandunkanye bivuye kuntara, canke baravye ico icokibanza cagenewe, ari ugucururizamwo, amahinguriro canke aho abantu baba. Kenshi, ababanyi baravyihanganira iyo urwamo rudashika iminsi yosi, ariko, iyo bishika kenshi, bika birenz'urugero, canke bigashika mw'ijoro, barashobora kukwitwarira mubutegetsi bwa karere canke kuri polisi.

Ibikoko

Australiya irafise amategeko akingira ibikoko kugira ntibavyice nabi canke kugira bavyiteho. Kirazira kwicirira ibikoko mu kigo. Abantu bafata nabi ibikoko n'inyoni barashobora gutozwa ihadabu canke bagafungwa . Hari amategeko y'ubutegetsi bwakarere agena ibikoko birekuriwe ngutungwa mungo. Ibikoko bitunzwe murugo, nk'imbwa birakeneye kwiyandikisha k'ubutegetsi bwakarere. Murabe mugitabo ca matelefone canyu citwa White Pages ahanditse 'Dog' mu gice ca 'Government'.

Iyo utunze igikoko co murugo utegerezwa kucitaho bishemeye mu kukigaburira no kwama wa gisukuye. Vyinshi murivyo bikoko bikenera urucanco kugihe cavyo kandi kikavurwa na muganga w'ibikoko iyo kirwaye canke cakomeretse.Ibikoko bitunzwe muri Australiya birakenerwa kukonwa kandi ako n'akazi k'uwubitunze. Murashobora kuronka insiguro nyishi ku muganga wanyu w'ibikoko canke kuri **Royal Society for the Prevention of Cruelty to Animals (RSPCA)**.

Royal Society for the Prevention of Cruelty to Animals (RSPCA) **8231 6931**

RSPCA website www.rspca.org.au

Indamutso n'ingene woganira n'abandi

Iyo muhuye n'umuntu ubwambere, kenshi muri Australiya umuha ukuboko kwawe kw'iburyo nawe akaguha ukwiburyo nyene.Abantu batazinanyi ntibasomana canke ngo bagwane nunda iyo bahuye.

Abanya Australiya nkabose bararaba mu maso umuntu bariko baraguvisha ico kikaba ari ikimenyetso c'ukubaha kandi akakwereka ko aguteze yompi. Ariko nukumenya ko hari abantu batabikunda canke biter' isoni.

Iyo ari ubwambere muhuye, abanya Australiya ntibashimishwa n'uk' ubabaza ibibazo bijanye n'imyaka yabo, ingo zabo, abana babo canke amafaranga batunze.

Umuntu umuhamagara,mubisanzwe, mw'izina ry'umuryango nico akora (eg. Mr Wong, Ms Smith, Mrs Brown, Dr Lee) kiretse usanzwe uzi izina ry'ubukirisu ryiwe. Mukazi canke mubagenzi, abanya Australiyan, mibisanzwe, bahamagarana amazina y'ubukirisu.

Imigenzo y’urupfasoni

Abanya Australiya nkenshi bavuga “**please**” iyo basaba ikintu canke ico wubafasha kandi bakavuga kenshi “**thank you**” iyo umuntu abafashije canke abahe ikintu. Iyo utavuze “please” canke “thank you” biboneka ko utisonera.

Kenshi abanya Australiya bavuga “**excuse me**” kugira ubategе yompi canke “**sorry**” iyo baguhonyoyeko.Abanya Australiya bavuga “excuse me” canke “pardon me” iyo baciriye hasi canke bayozwe aho abantu bari canke muzu y’umuntu.

Wogeregeza ukama uri kugihe iyo ufise inama canke umubonano.Ubonye ko uhava ucererwa, geregeza ubimenyeshe nya muntu. Ibi n’ibintu bihambaye cane ku mibonano y’akazi kuberako bashobora kugutangisha amafaranga canke ukabura umubonano iyo utabimenyesheje hakiri kare. Umuntu yama acererwa ntanumwe aba akimwera.

Iyo uronse ubutumire bwo kur’urupapuro, bushora kuba bufise indome zanditseko 'RSVP' zerekana itariki. Ibi bisigura ko uwagutumiye agomba kumenya ko uzobwitaba canke utazobwitaba. Muri ico gihe ni vyiza ko wokwishura imbere yiyo tariki.

Abanya Australiya nka bose ntibimyiririra hasi; bakoresha imishwara canke udukaratasi twabigenewe. No mugucira n’uko babigenza. Iyo wasamuye abantu benhsi bazokubwira “bless you” – Ibi ntaho bihuriye n’amadini.

Murakwiye kumenya mushimitese ko inyifato imwimwe atari ukubura urupfasoni gusa ahubwo biri kubiri n’amategeko. Muburorero twobaha harimwo gutukana mu bantu, kujimbere y’uwundi k’umurongo, no gusoba canke kuja kumwanda mukuru ahari hosi, kiretse ahabigenewe habose canke k’umuhana w’umuntu.

Imyambaro

Australiaya n’igihugu c’abantu batandukanye . Imyambaro ihushanye abantu bambara yerekana ako karanga kiyobava. Abantu benshi bamabara impuzu zisanzwe canke atari izurubanza bijanye naho bakora canke n’ingene ijuru ryazindutse. Abantu benshi kandi barashima kwambara impuzu zijanye n’akaranga k’iwabo nkizijanye n’idini canke imico yabo cane cane ku minsi mikuru ihambaye.

Har’ amategeko makeye yerekeye imyambaro, naho kukazi no mubibanza bimwe hari impuzu zitegekanishijwe.Akarorero ibirato vy’ukwingira impanuka, ikofero zabigenewe bitegerezwa kwambarwa kubibanza bubakamwo kugira bibakingire; abapolisi, abasirikare, n’abakozi bo mubuzi bumwebumwe bategerezwa kwambara umwambaro ubaranga.

Ibibanza vyo kwinezerezamwo, ibigondangamico, n’ibindi bibanza bishobora kusaba ko abanywanyi baza bambaye impuzu zishajije kandi zimesuye, n’ibirato bijanye nico kibanza.

Mushobora gusanga imyambaro zimwe zimwe zitabereye canke zitey’isoni. Nk’akarorero, abakenyezi batikwiza mukwambara. Ntuze ubanegure witwaje ivyo wahora ubona mu gihugu waje uvamwo. Muri Australiya, uko umukenyezi yobayambaye kwosi, ntuze ubifate nk’uko atiyubahiriza canke ko yoba arondera abagabo.

Imvugo abanya Australiya bisangaji

Imvugo nyinshi Abanya Australiya bisangije canke icobita ‘slang’ ntizumvikana ku bantu bashasha muri Australiya. Udatahura ico amajambo avuga ni vyiza ko wobaza. Ubo n’buroreo bukunda kuboneka:

- **Bring a plate** – iyo bagutumiye k’umanza z’akazi canke z’abagenzi bakagusaba "bring a plate", ibi bisigura ko woza uzanye isahani ry’ibifungurwa usangira n’abandi.
- **BYO** – ico bita '**B**ring **Y**our **O**wn' bivuga kwizanira ivyo kunywa zaba inzoga zikaze, amajusi, ibinyobwa bidakaze canke amazi. Ibibanza bimwe vyo gufunguriramwo ni cobita BYO. Urashobora kwizanira icupa ry’umuvinyu, naho hari amafaranga batangisha kubera bakuzaniye ibirahuri bakanavyoza, bavyita 'corkage'.

- **Fortnight** – Icobita 'fortnight' n’ikiringo c’indwi zibiri. Abanya Australiyabararonka umushahara canke agahembo mu mayinga abiri

6. Uburaro

Gupanga amazu yirebanga canke amagorofa

Gupanga inzu zirebanga canke igorofa ubifashwa kenshi n'abakozi b'amashiramwe ashinzwe kuronderera abantu amazu yo gupanga bakora mu kibanza ca nyen'inzu canke urashobora kwironderera inzu yo gupanga wewe nyene atawubigufashije mwo ku wigenga afise inzu. Ugupangisha amazu muri Australiya, beneyo barabimenyesha mu binyamakuru ku misi ya gatatu na gatandatu muco bita "to let"no mu gisata bita 'Accommodation vacant' sections.Urashobora no kugenda ku biro vy'abigenga bifasha kurondera inzu zo gupanga ukaraba urutonde rw'amazu akeneye abapangayi.Uburaro muri Australiya burashobora kugora kandi bukazimpa birengeye.

Muri Australiya, ni vyiza ko umupangayi n'uwupangisha bagirana amasezerano yanditswe kugira vyorohe kumenya hamwe habaye amatati.Ico bita 'lease' canke 'residential tenancy agreement' ni amasezerano yanditswe hagati y'umupangayi n'uwupangisha ku kiringo gitegekanijwe ku mezi atandatu canke umwaka,ariko urashobora kwumvikana na nyen'inzu canke bariya bigenga ku kiringo ushaka kuba muri iyo nzu imbere yuko ayo masezerano uyashira ko umukono. Ayo masezerano urashobora gusubira kuyasinya igihe ikiringo mwari mwumvikanye na nyen'inzu carangiye.

Birashika ko bagutoza amafaranga mugihe ayo masezerano utayubahirije imbere yuko ikiringo mwavuganye na nyen'inzu gihera,rero ntuhave wemera amasezerano maremare arengeye igihe iyo nzu uzoyibamwo.Ntuhirahire ngo ushire umukono kuri ayo masezerano utabanje gusuzuma inzu ngo urabe ko imeze neza canke ko ibisabwa kugira uyibe mwo wabitahuye neza kuko ayo masezerano iyo umaze kuyasinya ntaba agihindutse**.** Ushaka kumenya ibirenga ko, raba" *Tenants rights and responsibilities"hasi*.

Iyo utanguye gupanga usabwa kuriha amafaranga angana n'ukwezi kumwe imbere hamwe rero n'ingwati.Ingwati n' amafaranga umupangayi ariha kwa nyen'inzu kandi ntategerezwa kurenga urugero rw'ukwezi ku mwe.Nyen'inzu canke abigenga baronderera abantu amazu yo gupanga bategerezwa kuzuza ibipapuro vy'iyo ngwati muri" Residential Tenancies Bond Authority."

Imbere yuko winjira mu nzu, murandikiranira na nyen'inzu ingene inzu imeze canke ingene uyisanze bigaca vyandikwa muco bita 'condition report'. Izi mpapuro zituma hataba amatati hagati ya nyen'inzu n'umupangayi hageze ko umupangayi yimukira ahandi kuko ibiba bitameze neza bibavyaranditswe.Mu gihe ataco uheranye canke wononye ,ingwati ya we barayigusubiza.

Barashobora kukwemerera kowosaba imfashanyo yo kuriha ingwati canke ukwezi kwa mbere, Birashoboka kandi koworonka imfashanyo bita **Rent Assistance** yo kuriha uburaro. Amakuru yerekeye izi mfashanyo tuyasanga mu gisata bita "Centrelink."

Ivy'umupangayi afitiye uburenganzira n'ivy'asabwa

Iyo upanze inzu, urafise uburenganzira vyo kumenya igihe bene inzu bazoza kugenzura inzu zabo, igihe bashobora kuduza amahera yo gupanga canke gusaba kuva mu nzu, n'ubundi burengeranzira bwinshi.

Urafise ibikwega utegekanijwe kumenya.

Ushaka kumenya uburenganzira n'ibisabwa ku bapangayi mugihe ushaka gupanga inzu z'abigenga hamagara:

Office of Consumer and Business Affairs
Tenancies
Level 1
91-97 Grenfell St
ADELAIDE SA 5000
Tel: 8204 9544
Website: www.ocba.sa.gov.au/tenancies

Mutari muri Adelaide, kugira umenye ibiro vyo mu ntara hagati bikwegereye hamagara **13 1882**.

Kugura inzu zirebanga canke igorofa

Amazu yo kugura canke amagorofa barayandika mu binyamakuru canke kuri internet. Abakozi bajejwe kuronderera abantu amazu yo gupanga baratanga urutonde rw'ayo,baratanga n'urutonde rw'amazu yo kugurishwa. Iyo ugura inzu irya mbere muri Australiya ubanza kwemererwa nk'uwo bita 'First Home Owner Grant'.

Iyo ushaka ingurane kugira ugure inzu egera aho uziganya(banki),canke irindi shirahamwe ritanga ingurane. Muri Australiya iyo ugura inzu abantu benshi begera abahinga muvy'amategeko kugira babafashe barabe ko inzu ikwije ibisabwa n'amategeko bakongera bakandikiranira.No muri iki gihe, ntuhirahire ngo ushire umukono ku masezerano utumva neza canke utasobanukiwe mwo ibisabwa**.**

Amazu ya leta

Iyo uronka imfashanyo ya " Centrelink " canke winjiza amafaranga make urashobora gusaba kuba mu mazu ya leta. Igihe urindira kugira iyo nzu uyironke bitegwa naho ushaka kuba, ibikoresho vyo mu nzu ingene bingana canke ukuntu vyihutigwa kugira baguhe iyo nzu.

Igisata bita "Housing SA services"

Igisata bita "Housing SA"(uburaro bwo muri SA) irafasha mu vyerekeye uburaro kubakeneye imfashanyo z'aho baba, kandi irafise imigenderanire n'ayandi mashirahamwe mu ntara yose. Kugira umenye ibiraba "Housing SA" egera ibiro bishinzwe abanywanyi kuri 131 299.

Umugambi wishinze gufasha gupanga inzu zirebanga (Private Rental Assistance Program) (PRAP)

Muri South Australiya utegerezwa gutanga ingwati no kuriha imbere amahera y'amayinga abiri kugira ukote inzu y'abigenga. Iyo uri mu bemerewe, Housing SA irashobora kukurihira ingwati kuri nyen'inzu (canke abamuserukira). Mu bihe bimwe bimwe urashobora kuronka imfashanyo yo kuriha imbere amahera yo gupanga. Housing SA irashoboa kandi gutanga imfashanyo y'amahera yo kuriha uburaro, ariko ntifasha kuriha amahera y'umwuka, umuyagankuba, telefone, ibifungurwa, impuzu n'ibikoresho vyo munzu.

Mufise ingorane yo kuronka aho mwo panga murashobora kuronka imfashanyo biciye mu gisata bita" Private Rental Liaison Service".

Mukeneye kumenya ibindi bijanye na "Private Rental Assistance Program "canke " Private Rental Liaison Service", tubasavye ko mwo kwegera ibiro vyashinzwe abanyanyi kuri 131 299 canke raba kuri www.housing.sa.gov.au

Kupanga inzu

Housing SA iratanga amazu yo kubamwo ku bantu bafata amafaranga abaye baye mu bice vyo mu gisagara no mu miji mitoyi yo muri South Australia. Iyo usaba gukota inzu utegerezwa gukora ico bita "Eligibility Test" (ikibazo co kwemererwa) imbere y'uko uja kur'urutonde rw'abarindiriye. Ubutunzi bwawe, ingene ukeneye inzu n'ibindi bikuranga nivyo bizokwereka ikibanza cawe k'urutonde rw'abarindirye. Kenshi amazu atangwa baravye itariki vyasabiweko kandi hari igihe kirekire co kurindira amazu, ariko umwanya wokurindira uva naho ushaka kuba, ivyo utunze mu nzu n'ingene iyo nzu ikenewe. Abantu baboneka ko bakeneye inzu vyihutirwa azoronka inzu ubwambere.

Amazu yakira abari mu ngorane zikomeye

Wibaza ko uri mu ngorane zidasanzwe z'inzu," Housing SA" ishobora kubafasha mu kuronka inzu mu minsi yambere canke ikakurangira abandi bogufasha nk'abashinzwe utuzu twimfata kibanza. Muzi ko mufise ingorane mu kuronka uburaro tubasavye ko mwobaza abashinzwe abanywanyi kuri 131 299 canke itelefone ifasha abari mu ngorane zidasanzwe(Crisis Care Help Line) kuri 13 1611.

Ibisata bishira ivyankenerwa mu mazu

Mu gihe cose ushaka kugura canke gupanga inzu,hari ivyankenerwa bitegerezwa kuba biri mu nzu.Gerageza umenyeshe ivyo bisata imisi mike imbere yuko winjira mw'iyo nzu nshasha.

Imbere yuko ushirako umukono k 'umasezerano nivyo bisata,nukuraba ko ivyo bajejwe gushiramwo babishize mwo vyose. Kenshi na kenshi abapangayi barasinya amasezerano nk'ay'imyaka itatu n'abazobaha umuyagankuba,kandi bari mu nzu z'agateganyo.Ni vyiza rero k' utegera neza amasezerano imbere yuko ushirako umukono hamwe nivyo bisata.

Hari amashirahamwe menshi ashinzwe ivy'umuyagankuba muri South Australiya. Tubasavye kuraba mu gitabo citwa 'Yellow Pages' ahanditse 'Electricity distributors' n'ahanditse 'Gas suppliers'.

Benshi mubashinzwe ivyo bikorwa n'aba:

Umuyagankuba, Umwuka n'amazi

TRUenergy	**13 34 66**
Origin Energy	**13 24 61**
Energy Australia	**13 88 08**
AGL	**13 12 45**
United Water	
Service Difficulties	**1300 883 121**
Account Enquiries	**1300 650 950**

Telefone

Amashirahamwe y'amatelefone, harimwo ayafise imitahe hamwe na leta nka Telstra, urutonde turusanga mu gitabu c'amatelefone Yellow Pages mu gace k'amatelefone n'ivyuma vyayo.

Mur' ibi bisata har' aho bagusaba amafaranga kugira bagushirire telephone mu nzu.Ni vyiza ko ubanza ukaraba amafaranga igisata imbere yuk' ushira k' umukono.Ibisata mwagiraniye amasezerano bizoza birakurungikira impapuro zerekana amafaranga utegerezwa kuriha haba inyuma y'ukwezi canke ikindi kiringo mwumvikanye.Nivyiza ko wobimenyesha abomwagiranye amasezerano,Iyo udashoboye kuriha kw'italiki yagenywe,canke iyo ushaka kuriha mugihe gito amafaranga ataraba umurengera.Guhamagara mu bindi bihugu birazimvye cane kandi amafaranga ashobora kukubana menshi.Birakenewe ko uraba neza iyo utelefona mu bihugu vyo hanze canke ugakoresha amakarata ya bigenewe.

Abanya Australiya benshi bara fise za telephone zo mu ntoke ariko uguhamagara ukoresheje telefone zo mu ntoke birazimvye cane.Kenshi na kenshi uguhamagara babiharurira ku masegunda mirong'itatu canke ku minuta iyo ukoresheje telefone yo mu ntoke haba hagati y'intara canke mu bindi bihugu. **Utegerezwa kumenya neza ingene igisata ubereye umunywanyi kirihisha hamwe rero n'ivyo gisaba imbere yuko ugura ziriya telefone zo mu ntoke** .

Ico bita "**Telecommunications Industry Ombudsman** " carateguye impapuro ziri mu congereza n'izindi ndimi ku bintu bitandukanye vyerekeranye n'ibidandazwa.Ushaka kumenya ibirenga ko raba kuri website canke uhamagare kuri:

Telecommunications Industry Ombudsman	**1800 062 058**
Website	www.tio.com.au/publications/FactSheets.htm

7. Ubuzi

Kurondera akazi

Kuronka akazi muri Australiya birashobora kugora. Kuronka akazi n'ingoga k'ubantu babimuka bishobora kuva kuburyo itunga ry'igihugu ryifashe, amashule n'ubumenyi ufise, akazi urondera n'ibindi bishobora kugira inkwirikizi ku kazi urondera mu ntara nyinshi z'igihugu

Ibinyamakuru bisohoka ku musi ku musi baramenyesha ibibanza bikenewe mwo akazi canke ata bakozi babiri mwo 'Job vacancies' (or 'Positions vacant'),na cane cane ku misi ya gatandatu. Ivyo bi banza bikenewe mwo abakozi turabisanga no kuri internet. Hari n'abikorera ivyabo batanga ubuzi,urutonde turusanga mu gitabo c,amatelefoneYellow Pages no kuri internet.

Umunya Australiya wese arashobora kwiyandikisha na **Centrelink** canke "**Job Network"** kugira bamufashe kuronka akazi.Iyo wiyandikishije barashobora guca bakurungika kuri Job Network yaba iyigenga, iy'abanyagihugu canke iy'amashirahamwe ya Leta, iyo bagiranye amasezerano na leta ya Australiya kuronderera abantu akazi.

Iyo uri mushasha, nivyiza ko wegera umuhanuzi mu vy'akazi canke **Centrelink Career Information Centre** kugira umenye neza uburyo urandera akazi ,gutomoye na cane cane iyo ufise ingorane kuri biriya bibazo babaza ugiye kurondera akazi.

Urashobora kubariza ku biro vya Centrelink aha hakurikira:

Job Search Information Line	**13 6268**
Help in languages other than English	**13 1202**
In person	Office locations
Inyigisho mu zindi ndimi	Imfashanyo ya Centrelink – Turavuga ururimi rwawe
Website	www.centrelink.gov.au

Ibisata bijejwe ivy'akazi

Hari ibisata vyinshi bijejwe kuronderera abantu akazi(Job Network Services) . Hari mwo :

- **Job Search Support Services** – Ibisata bihari bifasha kurondera akazi ku biyandikishije na Centrelink canke ico bita "Job Network member", ikigisata gifasha kuronka akazi mu mwanya muto.
- **Intensive Support Services** – ikigisata gitanga imfashanyo ku bavyemerewe hamwe no kubigisha kugira bateze imbere ubumenyi bwo kwishura biriya bibazo babaza iyo ugiye kurondera akazi nukugira bashobore kuzova mwo abakoresha babikwiye.
- **Intensive Support – Job Search Training** –Ikigisata cigisha ingene umuntu ashobora guteza imbere ugushobora kwifasha hari mwo kurondera akazi no kwagura uburyo bwo gushobora kurondera akazi (mw'ivyo bikorwa hari mwo ukumenya ingene ugira umwidondoro wawe w'ivyo wize n'ivyo wakoze n'ukuntu rero usaba akazi).
- **Intensive Support – customised assistance** –Iki gisata gifasha kimwe kuri kimwe ku barondera akazi bavye merewe,harimwo ukwereka uwurondera akazi intambamyi afise muri ako kazi n'ubukerebutsi uwurondera akazi babona afise.
- Ico bita **New Enterprise Incentive Scheme (NEIS)** –ifasha abatagira akazi gutangura n'ukwikorera ivyabo.Abavyipfuza barasaba imfashanyo ya NEIS ikabigisha kuvyerekeye urudandaza rutoyi,ikabafashisha amafaranga n'ukubaha impanuro mu mwaka wa mbere batanguye kwikorera ivyabo.

- Ico bita **Assessment Fee Subsidy for Overseas Trained Australian Residents** – itanga imfashanyo ku bibazo no kubikosora .

Birakenewe ko umenya ko iyo wiyandikishije n'igisata kijejwe kuronderera abantu akazi s' itegeko ngo uce ukaronka. Birakenewe k' uguma urondera ubuzi kugira amahirwe abe menshi y'ukuronka.

Abarondera ubuzi bose uburyo bwa gusa bwashizwe kuri **Job Network Access** muri Centrelink.Ibisata vya "Job Network member agencies" biremerera abarondera akazi gukoresha telefone, ivyo bita photocopiers, fax machines, touch screens hamwe na computers(harimwo na internet). Ushaka kumenya iyo bafasha harimwo n'ukwemeregwa, hamagara:

Job Seeker Hotline	**13 6268**
Job Network website	www.jobnetwork.gov.au

Centrelink irerekana abakozi bafise ubumenyi bakuye mu bindi bihugu ikongera igatanga impanuro aho bashobora gusanga ubuzi hafi yaho begereye.

Ibiro vya Centrelink vyarakwijwekwijwe mu bisagara no mu bindi bice mu gihugu cose. Aho ibiro vya 'Centrelink' tubisanga mu gitabu c'amatelefone bita "White Pages" no kuri website ya Centrelink.

Abanywanyi bico bita "Job Network" bakorera mu bice vyinshi vyo muri 'SA' kandi bagafasha mu vyerekeye ubuzi. ARA Jobs iri Kilkenny bafitaniye amasezerano na Leta nkuru y'Australiya (the Commonwealth Government) yo gufasha abantu bafise imico n'indimi zitandukanye.

ARA Jobs	**(08) 8268 4444**

Ushaka kumenya ibirenga ko egera:

Australian Apprenticeships	**13 3873**
Website	www.australianapprenticeships.gov.au
Workplace website	www.workplace.gov.au
Australian Jobsearch website	www.jobsearch.gov.au
Skilled Migrant Job Seeker website	https://skilledmigrant.gov.au
Jobguide website	www.jobguide.deewr.gov.au

Ubushikiranganji bujejwe ivy'amashule yisumbuye, ubuzi, ubuhinga n'iterambere (Department of Further Education, Employment, Science and Technology)

Ubutegetsi bw'akarere burafise imigambi myinshi yo gufasha abarondera akazi kugira bakabaronse. Mwifuza kumenya ibirenzaho, hamagara:

South Australia Works	**8463 5577**
	www.saworks.sa.gov.au

Impapuro z'ubumenyi

Ni vyiza ko uba ufise impapuro z'ubumenyi zemerewe kugira bikwongere amahirwe yo gukora aho ufise ubumenyi canke ubushobozi.

Impapuro z'ubumenyi mu vy'imyuga(Trade qualifications)

Iyo ufise impapuro z'ubumenyi mu vy'imyuga nko muri engineering, kwubaka gukora ivyuma, umuyagankuba canke guteka, aba bakurikira baraguhanura ingene izo mpapuro zawe zemererwa muba muri South Australiya, hamagara:

Trades Recognition Australia **1300 360 992**

Iyo abashaka kumenya kuri ibi baba hanze ya Australiya bahamagara:

Trades Recognition Australia
GPO Box 9879
CANBERRA ACT 2601
AUSTRALIA
Tel: **+612 6121 7456**
Fax: +612 6121 7768
E-mail: traenquiries@dewr.gov.au
Website: www.workplace.gov.au/tra

Impapuro z'ubumenyi z'igice ca gatatu c'amashule yisumbuye

Nimba murondera akazi, mu myuga izwi,ni mubaze amashirahamwe ashinzwe kwandika, gutanga amaperemi,canke abimyuga yanditswe kuri website bita "Australian Skills Recognition Information"

Ibisata vy'intara bita "**Overseas Qualifications Units (OQU)"** birafasha abimuka ngo bemere impapuro z'umutsindo n'ubuhinga baronkeye mu bindi bihugu. Mwifuza izindi nyigisho zivyerekeye raba kuri:

Skills Recognition website www.immi.gov.au/asri/os-qual-units.htm

Ubushikiranganji bw'indero, abakozi n'ibanza vy'imigenderanire mu kazi (DEEWR) bubicishije mu gisata bita "**Australian Education International - National Office of Overseas Skills Recognition (AEI-NOOSR)"** buratanga amakuru n'impanuro y'ukuntu impapuro z'umutsindo z'amashule yisumbuye zingana n'izo mur'ikigihugu mutanze amahera. Ushaka ibirenga ko hamagara kuri:

AEI-NOOSR Hotline **1300 363 079**

AEI-NOOSR website aei.gov.au/AEI/QualificationsRecognition

Mumenye: Vyiza mwobanza kubaza igisata bita " Overseas Qualifications Unit " imbere y'uko muraba "AEI". OQU izomenya aho ikurungika nivyaba bikenewe.

Rimwe narimwe abantu bafise ubuhinga bakuye hanze ya Australiya bafise ubwene gihugu canke bahaba nka bantayegayezwa barashobora kwemerwa kuronka imfashanyo bita FEE-HELP kugira barihe igice canke amahera yose y'ishule gukira bige amashule yo kumenyera babone kwemeza imitsindo yabo baronkeye hanze y'igihugu.

FEE-HELP **1800 020 108**
Going to Uni website www.goingtouni.gov.au

Igisata bita" ASDOT" kiratanga imfashanyo y'amahera atangwa ngo bihweze impapuro z'umutsindo n'ibabazo bokora abahinga bafise imitsindo yo hanze y'igihugu, mu myuga imwimwe ikwijije ivyangombwa.

ASDOT Hotline **1300 363 079**
ASDOT website aei.gov.au/AEI/QualificationsRecognitionInformation/Asdot

Iyo impapuro z'umutsindo zawei ziri mu rundi rurimi atari Icongereza nugusaba zigahindurwa mu nyandiko mu congereza.Raba ikigabane ca2, *Help with English*.

Ibisabwa mu kazi (ku mukoresha /ku mukozi)

Muri Australiya abakozi barafise uburenganzira bwo gukingirwa mu buryo bwategekanijwe n'amategeko mu ntara no mu gihugu cose.Aya mategeko aratomora neza amafaranga umukozi adashobora kuja munsi n'ahantu bakorera ingene haba hasukuye.

Ico bita **Workplace Authority** ni aho abakozi canke uwundi avyipfuza aronkera impanuro ataco atanze kubiraba ibibanza abakozi bakorera mwo ingene biba bimeze haba kuvyerekeye abakozi canke abakoresha. Igisata "Workplace Authority" kiremera amasezerano kikongera kikaraba ko akwiye kuvyerekeye ibibanza bikorerwa mwo ubuzi.Igisata"Workplace Authority" tugisanga mu bisagara vyose muri Australiya kandi urashobora kubabaza ivyo wifuza ukoresheje telephone yo mu bisata bihindura indimi mu zindi haba mu mvugo canke mu nyandiko.

Iyo utumva neza amategeko agenga ikibanza ukorera mwo ico bita **Workplace Ombudsman** baragira itohoza ku birego bahawe canke amasezerano yagizwe na **"** federal workplace law" baragira itohoza kugira barabe ko ibikorwa bitandukanye n'amategeko ya"federal workplace law" aho barashobora guca batangura urabanza muri sentare iyo ari ngombwa kugira ayo mategeko ya" federal workplace law" ashirwe mu ngiro bakongera bagaserukira abakozi barenganijwe bisunze ico bita" *Workplace Relations Act 1996".*

Ushaka kumenya vyinshi kuvyerekeye amategeko agenga ibibanza bikorerwa mwo ubuzi urashobora guhamagara kuri Workplace Infoline canke ugende kuri website bita"Australian Government's Workplace website".

Wageline	**1300 365 255**
Help in languages other than English	**13 14 50**
Workplace Ombudsman Helpline	**1300 724 200**
Workplace Infoline	**1300 363 264**
Workplace Ombudsman website	www.wo.gov.au
Workplace website	www.workplace.gov.au

Muco bita" Workplace Relations Act"barerekana ko abakozi bose barafise uburenganzira bwo kuba abanywanyi canke bakabireka kuba abanywanyi b'ishirahamwe ry'abakozi. Umukoresha ntashobora kwirukana umukozi bivuye ko ari canke Atari umunywanyi w'ishirahamwe ry'abakozi. Ushaka kumenya ibirengako, hamagara uranani rw'abakozi bita **Australiya Council of Trade Unions (ACTU)**.

ACTU Helpline	**1300 362 223**
ACTU website	www.actu.asn.au

Pansiyo

Pansiyo n' ukuziganya kw'igihe kirekire uri mu kazi ukazoyikorako uri muzabukuru canke iyo bakuruhukije bivuye ko igihe cawe caheze. Iyo uziganya uri mu kazi uba witegekaniriza kazoza Hafi y'abanya Australiya bose bakora akazi ni abanywanyi b'ikigega ca pansiyo.

Pansiyo muri Australiya izwi kw'izina rya 'Super'.

Kenshi nakenshi umukoresha arasabwa n'amategeko kuriha amafaranga angana n'ibice cenda kw'ijana vy'amafaranga uhenbwa agashirwa mu kigega umukozi yifuza. Birashika ukongera ko amafaranga mu kigega cawe. Kugira umenye ko umukoresha wawe ariha amahera akwiye,urashobora kubaza abajejwe ikigega ubitsa mwo. Ushaka kumenya vyinshi hamagara kuri:

ATO Superannuation Infoline	**13 1020**
ATO website	www.ato.gov.au/super

Australian Securities & Investments Commission (ASIC)	**1300 300 630**
ASIC website	www.fido.asic.gov.au

Amakori

Ico bita**Tax File Number (TFN)** ni inomero y'ikori umuntu wese canke ishirahamwe itangwa n'ibiro vy'Australiya vy'amakori bita **Australian Taxation Office (ATO)** ikaba ikenerwa mu gihe cose winjiza amafaranga.Saba inomero yawe y'ikori mu misi ya mbere.Uburyo bwihutirwa ku bantu bashasha ushaka iyo nimero ni kuyisabira kuri internet. **Ukwiyandikisha kuri internet** bihari amasaha mirongo ibiri n'ane kuri mirongo ibiri n'ane, imisi indwi ku ndwi igisabwa n' impapuro z'inzira naho uba. Inyuma y'imisi cumi urashobora kuronka iyo nimero babicishije mu gasandugu k'amakete. Utegerezwa kuyibika ahadata .

Impapuro zo kuyisabirako tuzisanga muri Centrelink offices, uciye kuri ATO website canke ugatelefona kuri TFN Helpline. Umwanya bitwara kugira uyironke n' imisi mirongo ibiri n'umunani.

Iyo utanguye akazi umukoresha azogusaba kuzuza ibipapuro vy'inimero y'ikori aho usabwa gushira ko inimero yawe y'ikori.Iyo utayifise umukoresha ntiyemerewe gukuramwo amafaranga arengeye ikori rizwi n'amategeko gushika aho uzoyironkera.

Iyo hari amafaranga winjiza mu mwaka (hagati y'italiki imwe mukakaro n'italiki mirongo itatu n'imwe ruheshi), utegerezwa kuzuza ico bita **Income Tax Return** kw'italiki mirongo itatu n'imwe Gitugutu y'uwo mwaka nyene, kiretse bitunganijwe ukundi. Iyo uba muri Australiya nk'umwimuka ntayegayezwa utegerezwa kubahiriza amategeko yaho kandi utegerezwa kumenyesha amafaranga yose winjiza yaba ayava imbere mu gihugu canke hanze y'igihugu mu gihe wuzuza ibipapuro vya"income tax return".

Australiya irarihisha amakori ku bidandazwa umuntu agura canke kuvyo baba bagufashije mwo bavyita **Goods and Services Tax (GST) .** iryo kori ringana n'ibice cumi kw'ijana ku bidandazwa vyinshi. Ico bita" GST" iba irimwo mu giciro c'ico uguze. Ibintu bimwe bimwe vya nkenerwa nk'indya ibikoresho vy'ishule, ivy'amagara y'abantu, vyo mu marerero ntibiriha GST.

Iyo wikorera ivyawe urasabwa ikarata y'urudandaza bita (ABN) kuvyo ukorana na Australian Taxation Office canke urundi rudandaza. Raba ibirenga ko hano.

Australian Taxation Office (ATO) contact details

Tax File Number Helpline	**13 2861**
Business and GST enquiries	**13 2866**
Personal Tax Information Line	**13 2861**
TFN online registration	www.ato.gov.au/individuals
Tax Office website	www.ato.gov.au

Itunga ,ukuziganya n'uyundi mutungo bituruka hanze

Abanya Australiya baba mu gihugu batozwa ikori baravye umutungo wabo iyuturuka hosi, kandi bategerezwa kumenyesha amatungo yabo yosi mu gihe bariko baruzuza impapuro z'amakori. Kugira bamenye ko ur'umuntu aba muri Australiya kuvyerekeye amakori babigena baravye umuntu umwumwe. Ibiro vy'amakori vy'Australiya bita " The Australian Taxation Office(ATO)", irafise inkuru kuri website yayo izogufasha kumenya ivyujejwe.

Ibiro bita ATO irafise inyigisho kubijanye n'amatungo akwirikira:

- Amatungo aturutse mu kuziganya, akarorero ayava mu vyo bita"Securities" no gupangisha amazu
- Inyungu n'ivyo bita "royalities"
- Urudandazwa rwo hanze

- Iyo uronka pansiyo yo hanze

Iyo ufise umutongo wohanze utangira ikori, utegerezwa kubivuga naho uwo mutungo woba warantangiwe ikori mu gihugu wawuronsemwo. Hamwe uwo mutungo wohanze woba utanga ikori muri Australiya, ukaba warawutangiye ikori mu kindi gihugu, urashobora kuronka igabanirizwa ry'ikori bita"foreign tax credit'. Amatagisi agabanirizwa ko amakori bayita "creitable taxes.'

Utegerezwa kuvuga amatungo yohanze adatanga amakori muri Australiya. Uyu mutungo wohanze bazowihweza neza kugira bakugabanirize iyo bariko barihweza ikori wotanga k'umutungo wawe wo muri Australiya n'uwo hanze.

Nimba umutungo wawe udasanzwe urashobora gukoresha abahinga bajejwe amakori canke ugasaba impanuro ibiro vy'amakori vy'Australiya.(Australian Taxation Office).

ATO International Tax Essentials www.ato.gov.au/individuals/pathway.asp?pc=001/002/012

8. Isandugu ritegekaniriza kazoza abakozi

Leta ya Australiya irafasha mu vy'imibano n'ivy'amafaranga mu gutanga imfashanyo ku gira abantu bashobore kwikwiza no gufasha abari mu ngorane.Isandugu ritegekaniriza kazoza abakozi rirafasha cane ribicishije muri **Centrelink**. Ibiro bifasha imiryango bita **Family Assistance Office** biratanga imfashanyo ku miryango.

Ibiro vya Centrelink na Family Assistance Office locations tubisanga mu gitabu c'amatelefone White Pages.

Imfashanyo zitangwa na Centrelink

Ukuronka imfashanyo biterwa n'ubwoko bw'impapuro z'inzira ufise n'ingorane uba ufise harimwo amafaranga winjiza n'ivyo utunze. N'iyo uri umwimuka ntayegayezwa muri Australiya birashika ukarindira kugira uronke iyo mfashanyo.(raba ibi bikurikira).

Iyo utavuga icongereza , Centrelink irakuronderera uwugusobanurira. Urashobora kwegera Centrelink ukayibaza mu rurimi rwawe kuri iyi telefone:

Centrelink (multilingual services)	**13 1202**
Centrelink website	www.centrelink.gov.au

Utegerezwa kuza wibangikaniye ibikuranga n'impapuro waziye ko (impapuro z'inzira , impapuro zerekana aho ubitsa n'izirekana aho uba) muri Centrelink mu gihe uba uriko urasaba imfashanyo.Ushaka kumenya impapuro zisabwa baza kuri iyi nimero yo hejuru canke mu gukoporora urupapuro bita Proving your identity to Centrelink ruri kuri Centrelink website.

Utegerezwa kuba ufise inimero y'ikori ariyo bita Tax File Number (TFN) kugira ushobore kuronka imfashanyo. Centrelink irashobora kuguha ibipapuro vyo kwuzuza kugira baguhe iyo nimero y'ikori ubicishije mu biro vy'Australiya bijejwe amakori bita Australian Taxation Office.

Igihe urindira ingene kingana

Kenshi abimukira bagishika muri Australiya bategerezwa kuba muri Australiya nk'abanyagihugu ntayegayezwa imyaka ibiri kugira baronke imfashanyo zitegekaniriza kazoza imiryango,harimwo ukudakora n'uburwayi,imfashanyo itangwa ku banyeshule n,izindi mfashanyo .Igihe conyene umaze muri Australiya nk'umwimuka ntayegayezwa nico conyene giharurwa. Kugira wemererwe kuri pansiyo itangwa ku myaka canke ku bumuga utegerezwa kuba muri Australiya imyaka cumi.

Ugukurwako igihe co kurindira

Impunzi n'abinjira kubuntu ntibarindirizwa kiriya gihe c'imyaka ibiri co kimwe no ku bagore n'abana babo mugihe ubwo bucuti bwaribusanzwe buriho aho bashika muri Australiya.

Co kimwe,abubakanye n'abanya Australiya hamwe n'abana babo canke abamaze muri Australiya imyaka ibiri nk'abimuka ntayegayezwa ntibarinda kurindira kiriya gihe c'imyaka ibiri. Birashika ko uburyo bundi bwo gukurwa ko igihe co kurindira bukoreshwa.

Izo mfashanyo ziboneka ku bantu baba muri Australiya kandi babifitiye uruhusha nka bantayegayezwa.Imfashanyo bita **Special Benefit** irashobora kuboneka mu gihe umuntu akirindiriye kandi ari mu ngorane zikomeye bitewe nuko ibintu vyahindutse mu buryo umuntu atishoboye. Iyi mfashanyo bayitanga mu bihe bike cane kandi bigoye rwose.Umuntu kuba adafise akazi canke amafaranga amuheranye s' ibituma bihagije kugira umuntu aronke iyo mfashanyo.Iyo winjiye muri Australiya ku buntu hari uwakwishinze,uwo yakwishinze niwe azoheza agasubiza amafaranga bakurihiye kugira uze.

Iyo hari umuntu uravye akaba ari ntayegayezwa mu gihugu urashobora kuronka imfashanyo y'uburezi bita " **Carer Payment"** itari mu zirya zifise igihe co kurindirizwa,kandi hamwe woba

witahoumuntu igihe cose, urashobora kandi ku kuronka imfashanyo y'uburezi mu gihe cokurindirizwa.

Niwaba umupfakazi, ikimuga canke umuvyeyi atagira uwobubakanye umaze kuba ntayegayezwa muri Australiya, urashobora kuronka imfashanyo canke amahera ya pansiyo.Urashobora kandi kuronka amahera ya pansiyo naho woba utarashikana imyaka 10 muri Australiya nimba wubahirizwa n'amasezerano y'ibihugu agenga ivyerekeye amapensiyo. Kuva mu kwezi kwa mbere 2009, Australiya ifitaniye amasezerano n'ibihugu 22 yerekeye amapansiyo

Imfashanyo yihutigwa itangwa ku binjira k'ubuntu

Guhera italiki1 y'ukwezi kwa mbere 2008 imfashanyo yihutigwa bita **Crisis Payment** izotangwa no kubinjira muri Australiya ku buntu imbere canke inyuma y'italiki imwe y'ukwezi kwa mbere 2008 ku bazoba bafise impapuro z'inzira zikurikira:

- subclass 200 – Refugee
- subclass 201 – In-country Special Humanitarian
- subclass 202 – Global Special Humanitarian
- subclass 203 – Emergency Rescue, and
- subclass 204 – Woman at Risk

Kugira uronke iyo imfashanyo, umuntu ategerzwa kuba yemerewe na Centrelink pansiyo canke izindi nyungu bitewe n'uko umuntu ari mu ngorane zikomeye cane. **Utegerezwa kubisaba mu misi indwi ushitse muri Australiya** canke uhamagare ku gisata ca Centrelink kugira ubamenyeshe ko ya misi indwi wayubahirije hanyuma ukazoheza ukazozana izo mpapuro mu misi cumi n'ine wahejeje kubonana na Centrelink.

Imfashanyo yihutigwa itangwa ku binjiye ku buntu bari mu ngorane n' amafaranga yongererwa kuyo uba usanzwe uhabwa na Leta kur'abo baba bavyemerewe. Imfasahnyo ya Crisis Payment ingana n'amafaranga uronka mw'iyinga rimwe ku mfashanyo umuntu ahabwa na Centrelink (ukuye mwo ayo bongerako mukugufasha kuriha inzu canke kugura imiti).

Imfashanyo itangwa ku miryango

Iyo ufise abana ureze,leta ya Australiya iratanga imfashanyo atari nke ibicishije mu biro bifasha imiryango **Family Assistance Office** mu gufasha mu bikorwa vyo mu miryango no mu vy' imiryango isabwa. Mu vyo bafasha imiryango hari mwo ukubarihira amakori , kubaha agahembo iyo umwana yavutse, kubafasha kuriha amahera yo mu marerero, imfashanyo bita " Child Care Tax Rebate", imfashanyo y'umwana avutse hamwe rero n'imfashanyo yo gucandaga umwana avutse.

Kenshi utegerezwa kuba ufise uburenganzira bwo kuba muri Australiya nk'umwimukira ntayegayezwa kugira uronke iyo mfashanyo nahonye bishika rimwe rimwe ntibikurikizwe. Nta gihe categekanijwe co kurindira kuri izi mfashanyo .Ni vyiza ko umenya yuko izimfashanyo zitangwa ku miryango ari inyongezo baha umuntu ku mafaranga yarasanzwe aronka muri Centrelink ko rero iyo nyongezo idakwiye kugira ibesheho umuntu ari yonyene.Imbere yuko baguha imfashanyo y'imiryango barabanza bakavyihweza neza kugira barabe amafaranga ufata ingene angana.

Ibiro bifasha imiryango tubisanga muri Centrelink, Medicare and Australian Taxation Offices. Ushaka kumenya ibirengako canke ingene ushobora gusaba iyo mfashanyo, hamagara ku biro vyitaho imiryango Family Assistance Office.

Aho wosanga ibiro vya Family Assistance Office

Telefone	**13 6150**
Izindi ndimi atari icongereza	**13 1202**
TTY (ibiragi)	**1800 810 586**
Website ya Family Assistance	www.familyassist.gov.au

Urwaruka

Iyo ufise abana barenza imyaka cumi n'itandatu,bararonka imfashanyo itegekanirizwa imiryango"social security payments" nk'imfashanyo batanga ku rwaruka canke abariko bariga "Austudy".cUshaka kumenya vyinshi genda kuri website www.centrelink.gov.au canke uhamagare kuri:

Youth and Student Services	**13 2490**
In languages other than English	**13 1202**

Umuntu ashobora kuguserukira muri Centrelink canke mu biro bifasha imiryango

Urashobora kugena umuntu canke ishirahamwe bigakora mu kibanza cawe mu kuguserukira muri Centrelink canke mu biro vyitaho ineza y'imiryango.

Ivyo ufitiye uburenganzira n'ivyo usabwa

Hariho amategeko n'ibisabwa kugira umuntu aronke izimfashanyo.Iyo utabishaka imfashanyo zawe zirahagarara.

Centrelink

Iyo uronka imfashanyo, utegerezwa kumenyesha Centrelink kubigenda bihinduka kugira bamenye ko imfashanyo baguha ikwiye.Harimwo:

- Ihinduka mu mafaranga uronka.
- Ihinduka ry'aho uba.
- Iyo wubatse canke wahukanye.
- Iyo utanguye kwiga canke ubihagaritse.
- Iyo utanguye canke uhagaritse gukora.

Utegerezwa n'ugusoma amakete yose wandikirwa na Centrelink kandi ukayishura iyo bikenewe.

Centrelink irumviriza abaje bayiturako ibi bikayifasha gukora neza ivyo ijejwe. Iyo ufise ivyo washimye ,ivyo wipfuza ko vyohinduka canke hari ivyo udashima ,hamagara:

Centrelink's Customer Relations Unit (Freecall)	**1800 050 004**
In languages other than English	**13 1202**

Ukuzigama amakuru ufise ku munywanyi – Amakuru akwerekeye ashobora gutangwa na ,Centrelink canke Family Assistance Office mu gihe conyene vyemewe n'amategeko canke ivyo bisata ubihaye uruhusha .

Ibiro bifasha imiryango.

Iyo uronka imfashanyo ni vyiza k' ubimenyesha ibiro vyitaho ineza y'imiryango mu gihe hoba hari icahindutse.Raba kuri website ya Family Assistance ushaka kumenya ivyerekeye uburenganzira bwawe n'ivyo usabwa rights and responsibilities.

Abakozi ba Centrelink bajejwe ivy'imico itandukanye

Abakozi bakora mu bisata bijejwe imico itandukanye"Multicultural Services Officers" (MSOs) barakorana n'igisata ca Centrelink citaho imiryango y'abimukira n'impunzi. Ivyo bisata biratanga amakuru ku nteguro n'ibitangwa ku babituyeko hamwe n'imryango bigafasha Centrelink gukora ibikorwa vyayo neza.

Ibirenga kuri ibi

Centrelink

Centrelink irafise amakuru menshi yerekeranye n'ivyo ikora no ku buhembo itanga. Ku bimukira bashasha no ku muntu ururimi rwiwe rw'amavuko atari icongereza hari amakuru menshi yahinduwe mu nyandiko mu ndimi abimukira bashobora gutahura.Ayo makuru tuyasanga muco bita '**Welcome to Centrelink'**.Ushaka ikopi y'iki gitabu canke ibindi vyahinduwe munyandiko hamagara kuri 13 1202 canke ugende kuri website www.centrelink.gov.au urabe ahanditse "We speak your language' muri Centrelink home page.Urashobora kuronka n'ayandi makuru ku vyerekeye ubuhembo bwa Centrelink n'ibikorwa ikora ugiye kuri 'individuals' kuri Centrelink home page ugaca uraba ahanditse 'Moved to Australia'. Urashobora guhamagara ku nimero zikurikira ushaka kumenya vyinshi:

Centrelink multilingual (gufasha mu zindi ndimi Atari icongereza)	**13 1202**
Appointments and opening hours	**13 1021**
Employment Services, Newstart, Special Benefit	**13 2850**
Age Pensions and Pensioner Concession Cards	**13 2300**
Parent or guardian	**13 6150**
Youth Allowance and Student Services	**13 2490**
Disability, Sickness and Carers	**13 2717**
Centrelink International Services (overseas pensions)	**13 1673**
New Apprenticeship Line	**13 3633**
Customer feedback	**1800 050 004**
Centrelink TTY (Ku biragi)	**1800 810 586**
Customer feedback TTY	**1800 000 567**
If calling from overseas	**+613 6222 3455**

Ibiro bifasha imiryango.

Ibiro bifasha imiryango biratanga amakuru kuvyerekeye ivyo bikora hamwe n'imfashanyo zihatangirwa. Kubimukira bashasha no ku bantu ururimi rw'amavuko atari icongereza,amakuru yahinduwe munyandiko kuvyerekeye ifashwa ry'imiryango yarategekanijwe.Ushaka kuronka ikopi y'aya makuru, hamagara kuri **13 1202** canke urabe kuri website uhite mwo Multilingual Services.

9. Ibijanye n’ukunguruz’ abantu

Iyunguruza rya bose

Mu ntara ya South Australiya, ishirahamwe rijejwe kutwara abantu n’ibintu rya Leta bita (**Adelaide Metro**) rifise amabisi, amatramu n’amagariyamoshi. Ivyo birangurwa n’amashirahamwe atanu atandukanye atanga amatike n’ivyerekeye amasaha iyo miduga ihagurukirako.

Amakuru akenewe, amasaha yoguhagurukirako n’amatike ushobora kuyaronka ku biro vya ‘Adelaide Metro Infocentre’ bihereye mw’ihwaniro ry’amabarabara yitwa ‘King William’ na ‘Currie Streets, Adelaide’ no kuri ‘Adelaide Metro Information Line’.

Adelaide Metro Infoline	**8210 1000**
Website	www.adelaidemetro.com.au

Amatike arashobora kugurirwa kubiro vya Posita, utumangazini tudandaza ibinyamakuru no mu vyo bita ”delicatessens” zatowe mu muji no mu birere vyegereye umuji. Wifuza kumenya amasaha imiduga ikorerako, urashobora kubibaza umushoferi, canke ugatelefona amashiramwe y’imiduga y ‘unguruza abantu. Urutonde rw’imiduga y’unguruza abantu murusanga mu gitabo ca telefone citwa Yellow Pages mu gace kitwa ‘Bus and coach scheduled services’.

Birashoboka ko mwoba mwmerewe kuronka **Ikarata ikugabaniriza ibiciro mu vyerekeye amatike ya bisi n’ibindi** (Travel Concession Card).

Ubushikiranginji bw’imibano n’ibikorwa rusangi(The Department of Family and Communities) (DFC) izoraba ko ushobora kwemererwa kandi uzotegerezwa kujana ku biro vyabo ivyemezo vy’amafaranga winjiza. Niwaronka iyo karata, utegerezwa kuyigendana muri bisi, tramu no muri gariyamoshi. Ushaka kumenya ibiro bikwegereye vya DFC, raba:

Department for Families & Communities (DFC)	**Itelefone yihutirwa yo kugabanirizwa1800 307 758**
Website	www.familiesandcommunities.sa.gov.au

Ibisata bijejwe amatagisi

Mu bice vyinshi vy’ Australiya amataxi akora amasaha 24 kuri 24. Mu mataxi harimwo akuma kerekena ibirometero ugenze n’amahera yokiriha. Urotonde rw’amashirahamwe y’amataxi turusanga mugitabo c’amatelefone citwa Yellow Pages mugace ka ‘Taxi cabs’. Henshi mu bisagara hariho amataxi ajejwe gutwara abagendera mu ntebe z’abamugaye.

Itagisi zifise uburyo bwo kunguraza abantu bakoresha amakinga y’ibimuga ziraboneka muri Adelaide umwanya uwariwo wese, ahakwirikira:

ACCESSIBLE Public Transport	**1300 360 940**

Imiduga y’abigenga

Urutonde rw’imiduga mishasha n’iyakoze ruramenyeshwa mu binyamakuru no mubindi nkivyo canke mu mazu badandarizamwo imiduga mishasha no mubibanza bacururizamwo imiduga yakoze. Kenshi na kenshi igiguzi c’imodoka nticerekana amafaranga yo kuyandikisha, amakori n’amafaranga y’integabizoza. Ay’amafaranga yose arihwa na nyene kugura umuduga kandi aratandukanye nayo yayiguze.

Kugira umenyeko nyene kugurisha umuduga ataco aheranyeko mu ntara iyariyo yose , kiretse muri Western Australia na Tasmania, bariza kuri:

Transport SA	**13 10 84**

Kuvyerekeye gusaba ingurane yo kugura imodoka egera banki yawe canke ayandi mashirahamwe atanga ingurane. **Imbere yo gushirako umukono ku amasezerano y'ingurane raba neza k' uyatahura**.

Mu ntara zose z'Australiya hariho amashirahamwe yerekeye ivy' imodoka afasha abashaka kugura imodoka yakoze kumenya ko ari nziza, ifasha ingenzi, ivyerekeye integabizoza, n'ingene bafasha (mugihe wogira ingorane z'umuduga). Ayo mashirahamwe arafasha abanywanyi bayo n'abatari abanywanyi, kandi agatabara abanywani muntara zosi naho bataba.

Muri South Australiya, urashobora kuraba:

Royal Automobile Association (RAA)
55 Hindmarsh Square
ADELAIDE SA 5000
Tel: 8202 4600
Website: www.raa.net

Kugira ugendeshe imidoka muri Australiya utegerezwa kuba ufise urupapuro rwemewe. Ushaka kumenya ingene baronka uruhusha rwo kugendesha imodoka, raba mu kigabane ca1 muco bise, *What to do soon after arrival*.

Mwibuke: Amategeko y'Australiya yo gutwaza imodoka arahambaye cane. Raba ikigabane ca 5, *Australian customs and law*.

10. Indero n'irerero ry'abana bato

Irerero ry'abana bato

Amarero y'abana bato aratandukanye: hari ayakora umunsi wose na yakora igice c'umunsi ku bana bakiri bato batagenda kw'ishule canke hanze y'amasaha y'ishule. Wifuza kumenya ayo marero y'abana bato uzobisanga mu gitabo ca telefone citwa Yellow Pages. Ico gitabo kirerekana kandi ayo bita **preschools** canke **kindergartens**, amenyereza abana kugenda kw'ishule,ayandi bita **child care** canke **care** centres, araba abana bakiri bato n'ayandi bita **family care** ar' aho abana basigaranwa n'uyundi muvyeyi wo mu muryango.

Hari nico bita **playgroups**, aho abavyeyi n'abana bahurira kugira abana bige kumenyerana, nayo abavyeyi baronke akanya ko kuganira no kwibukanya utuntu n'utundi.

Playgroup SA	**1800 171 882**

Iyo uriko urakwirikirana **Integuro y'ivyigwa vy'icongereza ku bimuka bakuze (Adult Migrant English Program) (AMEP)** , uremerewe kujana umwana muto mw'irero ry'abana bato kandi nt'amafaranga utanga. Iyo amasaha ya AMEP yakwiye, ukaba ushaka gukwirikira ibindi vyigwa, ni vyiza ko wobimenyesha kugira barabe ici bogufashisha kuko ibindi vyigwa bishoboka ko batanga imfashanyo iyo utwaye abana mw'irerero.

Mwifuza kumenya inyigisho, Leta itanga kuvyerekeye ibikwirikira:

- amarerero y'abana bato mugice uherereyemwo
- Ubwoko bw'amarero y'abana n'ibibanza bishoboka kuboneka
- Ico Leta iterera mumafaranga atangwa mur'ubwo burero bw'abana
- Amarerero y'abana bafise ingorane
- Amarerero y'abana bakomoka kandi bafise imico itandukanye

hamagara ico bita the Child Care Access Hotline information service:

Child Care Access Hotline (8 am-9pm.Kuva ku wambere gushika kuwa gatanu)	**1800 670 305**
TTY (ku biragi)	**1800 639 327**
Child Care Access website	http://www.dest.gov.au/sectors/early_childhood/default2.htm

Ishirahamwe bita "Inclusive directions"

Ishirahamwe bita "**Inclusive Directions**" rirashigiikiye imiryango n'abana babo bafise imico itandukanye kandi bavuga ndimi zitandukanye kugira bemerwe bitagoranye kandi bakirwe neza mu marerero y'abana bato.

Haraboneka abakozi bavuga indimi nka zibiri.

Inclusive Directions	**8165 2900**

Mwibuke, ko mushobora kuba mwemerewe k'umfashanyo yo kurera abana no ku mfashanyo y'umuryango kugira bibafashe kurera abana n'ayandi mahera akenerwa. Soma ikigabane ca 8, *Social security*.

Amashule

Hariho amashule y' ibiburamwaka ku bana bose bafise imyaka 4. Amashule y'ibiburamwaka arafasha abana imbere yuko batangura amashule mu vyerekeye kunonora imitsi, kumenyera kwihanganira abandi no kumenyera abomukorana.

N'itegeko ko abana bari hagati y'imyaka 6 na 16 baja bagenda kw'ishule. Kenshi abana batangura ishule bafise imyaka 4 canke 5 bagaca babandanya gushika bashikane imyaka 17 canke 18, kugira bitegurire kuja muri kaminuza n'ayandi mashule arihejuru yayisumbuye.

Abana bari munsi y' imyaka 12 canke 13 baja mw' **ishule ry'intango** abayirenza nabo bakaja mw' **ishule y'isumbuye** (canke 'secondary school'). Ama **koleji** amwamwe (amashule y'isumbuye) yakira abanyeshule bakuze cane, basanzwe bitegurira ibibazo vy'umwaka wanyuma.

Ushobora kurungika abana bawe mu mashule ya Leta canke y'abikorera utwabo. Kugira umenye amashule ari mu karere kawe, raba mu gitabo ca telephone citwa White Pages ahanditse 'Schools', canke egera:

Department of Education and	**freecall 1800 088 158**
Children's Services	www.decs.sa.gov.au

Amashule ya Leta nt'amafaranga batangisha, ariko uzosanga amashule nka yose isaba interano atagahato karimwo kugira abana bongerezwe ubumenyi kandi bifashe imigambi y'ukunonora imitsi.Ukuriha biva kubavyeyi. Hariho kandi ivya nkenerwa bimwe bimwe abavyeyi bategerezwa gutanga, canke bagatanga amafaranga hanyuma ishule rikabigura.Abavyeyi bararihira abana babo amakaramu y'igiti, amakaramu y'irangi, umwambaro w'ishule hamwe n'ibitabo vy'imyimenyerezo.

Raba neza: Abanyeshule bafise visa z'agategekanyo barashobora gusabwa kuriha amahera yose.

Ukeneye kumenya vyinshi hamagara:

Department of Education and Children's Services	**8226 1000**
	Freecall 1800 088 158

Amashule y'abikorera ivyabo ararihisha amafaranga, kandi ashobora kuba yegamiye amadini kanaka canke agendera kunyigisho kanaka. Abavyeyi bifuza kumenya ivy'amashule y'igenga bosaba umubonano ababishinzwe mugisata kiraba ayo mashule canke bakaja kuraba ayo mashule bashimye

Ukeneye kumenya vyinshi hamagara:

Association of Independent Schools of South Australia	**8179 1400**

Tohoza neza kw'ishule ry'abana banyu ivyerekeye, **irero ry'abana imbere yuko amashule atangura, ningene babaraba iyo amashule arangiye kandi mubaze ibijanye na porogaramu zo mu buruhuko bw'abana banyu**.

Abana batavuga icongereza

Abana bagishika mu gihugu batavuga icongereza barashobora kwiyandikisha mu congereza mu mashule n'ibibanza bita "New Arrivals Program" (NAP)(Porogarama z'abagishika) bafise **Uburyo Bushemeye bwo kwigisha Icongereza**, yagenewe abana. Hari amashule atandatu y'intango n'amashule abiri yisumbuye y'abana bagishika (New Arrivals Programs).

Bellevue Heights Primary	**8278 7182**
Clovelly Park Primary	**8276 5366**
Cowandilla Primary	**8443 7800**
East Torrens Primary	**8337 1411**
Elizabeth Vale Primary	**8225 1307**
Gilles Street Primary	**8223 5184**
Ingle Farm Primary	**8262 4864**
Mansfield Park Primary	**8445 1594**
Murray Bridge North Primary	**8532 3055**
Pennington Junior Primary	**8345 4072**
Pennington Primary	**8447 1933**

Richmond Primary	**8293 1863**
Salisbury North R-7 School	**8258 1519**
The Pines R-7 School	**8281 2199**
Adelaide Secondary School of English	**8340 3733**

Abakuze bavuga icongereza kibayebaye canke atocobazi bashobora kwiyandikisha kuri :

Thebarton Senior Secondary College	**8352 5811**

Abasigura indimi mu zindi

Abavyeyi n'abarezi bavuga icongereza kibayabaye canke ataco bazi barashobora gusaba ishule ngo babahe ababasigurira kugira batohore ivyerekeye amashule y'abana babo. Barashobora kandi gutelefona igisata cagenywe ivyo gusigura indimi muzindi bita **Translating and Interpreting Service (TIS National)** ku nomero zikwirikira ngo bavugane n'ishule.

Translating and Interpreting Service (TIS National)	**13 1450**
TIS National website	www.immi.gov.au/tis

Kwiyandikisha mw'ishule

Ushaka kwandikisha umwana kw'ishule ushobora gutelefona canke ukishikirayo wewe nyene. Bisabwa ko wotwara iviza, n'impapuro ziguha uburenganzira bwo kwinjira muri Australiya, impapuro z'amavuka y'umwana n'izindi mpapuro nkizo hamwe n'Impapuro z'ishule zerekana aho umwana yahora yiga. N'ivyiza ko wokwerekana impapuro z'incandago.

Amashule y'imyuga

VET (Vocational Education and Training) na **TAFE** (Technical and Further Education) n'amashule yagenewe abagomba kunonosora ivyerekeye imyuga. Ivyirwa vyinshi vyerekeye kwimenyereza mu biraba ivy'imyuga, vyaba ivyerekeye amakompiyuta, urudandazwa, akaranga no kumenya amakuru, ivyingenzi n'amahoteri, ubwubatsi n'ugutwara abantu n'ibintu, ivyerekeye iterambere z'abanyagihugu,ubutaka,amahinguriro, n'ubundi buhinga. VET naTAFE ziratangisha amafaranga y'ishule kandi abanyeshule bakigurira ibitabo. Kugira bemererwe mu vyirwa bimwe bimwe, abanyeshule bategerezwa kuba barahejeje amashule y'isumbuye. Mwifuza kumenya ibindi birenze, baza ahakwirikira:

TAFE SA (General Enquiries)	**1800 882 661**
TAFE SA website	www.tafe.sa.edu.au

Amashule ya Kaminuza

Amashule ya Kaminuza ya Australiya ari mu mashule ya mbere kwisi. Amashule ya kaminuza y'intango amara imyaka itatu, kenshi ariko hari n 'ayarenza iyo myaka itatu. Amashule amwamwe urashobora kuyiga utagiye mw'ishule ayandi ukayiga iminsi imwimwe.

Amashule ya Kaminuza arashobora kandi gutanga ivyirwa vyokwiyibutsa mu kazi bimara igihe gitoyi

Kuvyerekeye ivyigwa n'ukwemererwa kuhiga genda kuri website '' going to University''.

Website "**Study in Australia** " irafise amakuru ngirakamaro avuga ivyerekeye kwiga muri Australiya ari mu ndimi cumi na zibiri(12).

Going to Uni website	www.goingtouni.gov.au
Study in Australia website	studyinaustralia.gov.au

Ukeneye kumenya vyinshi hamagara:

University of Adelaide	**8303 4455**
Flinders University	**8201 3911**
University of South Australia	**8302 6611**

Mu mahera atangwa kuri kaminuza harimwo amahera y'ivyirwa, amahera y'integabizoza,ibitabo, uburaro, n'amahera y'ukubaho kwa minsi yose

Kuja kuri Uni **Telefone umunyeshule akoreesha** **(Student Enquiry Line)**	**1800 020 108**

Youth Allowance (kuva kumyaka cumi n' itandatu gushika kumyaka mirongo ibiri n'ine) na **Austudy** payments (kuva kumyaka mirongo ibiri n'itanu n'iyirenga) n'imfashanyo zitangwa ku banyeshule biga umwanya wose kandi vyemewe. Izo mfashanyo zitangwa baravye ubushobozi bw' abariko bariga hamwe n'ivyobatunze.Abimukira bagishika babanza kurindira imyaka ibiri. Kugira umenye ivyerekeye izi mfashanyo, egera "Centrelink" (raba ikigabane ca 8,Social Security.)

11. Ivyerekeye amagara y'abantu

Medicare

Leta ya Australiya irafasha mukuriha imiti n'amafaranga y'ibitaro bakoreshejeje ico bita **Medicare.** Iyo ufise iyo karata irariha amafaranga nka yose yokuriha muganga, yo gupima amaraso n'ibindi .

Ushaka kumenya ko ufise uburenganzira kw'iyo karata genda ku biro vya Medicare witwaje impapuro z'inzira n'ivyerekana ko ufise ico bita permanent VISA.

Medicare ntiriha amafaranga ku muduga utwara abaremvye, kwivuza amenyo, kuguhindura ubureme bubi bw' umuntu biciye mu kwinonora imitsi arivyo twita physiotherapy, ivyerekeye amarori, kwivuza amaguru, canke ico bita chiropractic services, n' amafaranga y'ibitaro vyigenga. Kuvyereye iyo karata Medicare raba ikigabane ca 1, ico wokora ushitse muri Australiya : "*What to do soon after arrival*."

Medicare website www.medicareaustralia.gov.au

Centrelink Health Care Card

Iyo uronka imfashanyo ya Centrelink canke ufata amafaranga makeyi, Leta iraguha ikarata yo kubungabunga amagara , **Health Care Card**. Iyi karata irakugabaniriza ibiciro kubintu vyinshi harimwo ; imiti,ivyo bagukoreye vyose kwa muganga: kubonana na muganga , ivy' amenyo, imodoka itwara abaremvye. Ushaka kumenya vyinshi kurivyo raba kuri Centrelink, ikigabane ca 8 , *Social security*.

Naho woba ufise iyo karata ya Health Care, birakenwe ko utwara ikarata ya Medicare iyo ugiye kwa muganga canke kubitaro.

Ibigega vy'abigenga bikingira amagara y'abantu

AbanyAustraliya benshi bashima kuba abanywanyi b'ibigega vy'igenga vyerekeye amagara.. Ibi bifasha kuriha amahera yosi canke igice umuntui abayatanze mu bitaro vyaba ivya Leta canke ivy 'abikorera utwabo, bakanakurihira ivyo ivyo ikarata Medicare itariha nk'isuku ry'yamenyo, indwara nka zose z'amaso, n'amahera bariha umuduga w'unguruza umurwayi. Amafaranga bakurihira avana n'uburwayi ufise n'ubwoko bw'indwara bakuvura. Iyo ushaka gukingiza amagara yawe ku bigenga ,n'ivyiza ko wobanza ukabaza ayandi mashirahamwe kandi **ko ubanza gutegera ivyo bazokuvura mwo imbere yuko ubabera umunywanyi.**

Uguhimiriza

Leta ya Australiya iraha udushirukabute twinshi abanyagihugu kugira babe abanywanyi b'ibigega vyigenga bikingira amagara abanyagihugu. Nimba wiyumvira kuzoba umunywanyi w'amashirahamwe y'igenga akingira amagara utegerezwa kuba uzi ibikwirikira:

1. **Igabanirizwa ringana ibice 30 kw'ijana** – Abanya Australiya bose baremerewe kuronka igabanirizwa ringana n'ibice 30 kw'ijana iyo bafise ikarata ya Medicare kandi bakaba ari abanywanyi b'ishirahamwe rifasha kuriha amahera yo mu bitaro, amahera yo kwivuza ('ku miti irengako ' canke 'idasanzwe') canke ikariha vyose (Iryo gabanirizwa n'ibice 35 kw'ijana ku bantu bafise imyaka iri hagati ya 65 na 69, kandi ikaba ibice 40 kw'ijana ku bantu bafise imyaka 70 n'iyirenga).
2. **Ico bita " Medicare Levy Surcharge"** – Benshi mu banya Australiya batanga ikori barafise ico bita 'Medicare Levy 'bongera ku mahera atangwa kw'ikori. Iyo 'Medicare Levy Surcharge' n'rindi kori ringana n'igice 1 kw'ijana batangisha abantu bafise umutungo urengeye amahera yagenywe kandi bakaba atari abanywanyi b'ibigega bifasha abari mu bitaro Ayo mahera yagenywe barabirako angana n'amadolari 70,000 k'umwaka ku bantu batubatse n'amadolari 140,000 k'umwaka ku bantu babiri bubakanye canke k'umuryango.

3. **Umugambi bise "Lifetime Health Cover** "- Uyu n'umugambi uhimiriza abantu kuba abanywanyi b'amashirahamwe afasha kuriha amahera yo mu bitaro bakiri bato. Iyo umuntu abaye umunywanyi wayo mashirahamwe arengeje imyaka31 inyuma y'itariki 1 y'ukwezi kw'indwi, azotanga amahera arenze ay'umuntu ariha iyo y'abaye umunywanyi imbere y'itariki 1 y'ukwezi kw'indwi atarashikana imyaka 31.Ayo mahera batanga araduzwa ibice 2 kw'ijana kira mwaka umuntu ateba ku yatanga.

Ku bantu babimuka bashika inyuma y'itariki 1 y'ukwezi kw'indwi bagishikana imyaka 31 barafise amasezerano adasanzwe kuko batarihishwa amahera arenga iyo babaye abanywanyi b'ishirahamwe ryigenga rifasha kuriha amahera yo mu bitaro mu kiringo c'amezi 12 kuva igihe banditswe k'abanywanyi ba Medicare

N'ivyiza ko wokwiyumvira kuba umunywanyi w'amashirahamwe afasha kuriha amahera yo mu bitaro umwaka wa mbere wa nditswe muri Medicare. Hamwe worindira ukarenza amezi 12 inyuma yaho wandikiwe muri Medicare, uzorihishwa ico bita" Lifetime health Cover" ingana n'ibice 2 kw'ijana ku mwaka wose urenze imyaka y'amavuka irenga 30 hamwe woba umunywanyi w'ishirahamwe rifasha kuriha amahera yo mu bitaro

Ushaka kumenya amakuru arenga kuri ibi

Ushaka kumenya amakuru arenga kuri ibi, genda kuri websites www.privatehealth.gov.au canke www.phiac.gov.au canke uhamagare:

Private Health Insurance Ombudsman	**1800 640 695**
Private Health Insurance Ombudsman website	www.phio.org.au

Ugufashwa muvyo kuvurwa

Itabara ryihutirwa

Ugutabara vyihutirwa mu kuvurwa vy 'arategekanijwe mu mavuriro no mu bice vy 'ibitaro bijejjwe gutabara vyihuta abakitswe n,amagara.Ibitaro vya leta canke vy,abigenga dusanga urutonde mu gitabo c'amatelefone White Pages mu gice ca "Hospitals". Kuvyerekeye irya modoka itwara kwa muganga abaremvye tubisanga mu kigabane ca gatatu 3, *Emergency services*.

Iyo ugiye kwa muganga, ibuka kugenda utwaye imiti uriko urafata hamwe rero na ya karata bita Medicare, ikarata yuko uri umunywanyi w'ikigega c'abigenga gikingira amagara y'abantu, ico bita Health Benefits n' ikarata ya pansiyo.

Ukuvurwa vyihutirwa bir' amasaha mirongo ibiri n'ane kuri mirongo ibiri n'ane (24 hour) kuri 'Casualty'canke ku biro vy'ibitaro vya leta bijejwe gutabara abarenvye 'Emergency' departments of public hospitals.

Iyo umurwayi ataremvye cane ashobora kugenda kwa muganga avura indwara zose kugira amuhe impanuro.

Abaganga bavura indwara zose"General practitioners (GPs)"

Iyo bitihutirwa cane, ushobora kugenda ku muganga avura indwara zose (General practitioners) (GPs) canke kw'ivuriro rikwegereye. Urashobora guhita mwo ivuriro canke umuganga wipfuza – urutonde rw'ayo mavuriro canke abaganga tubisanga mu gitabo c'amatelefone bitaYellow Pages mu gace bita 'Medical practitioners'.

Muganga wawe arakora ico bita **bulk bill**. Ibi bivuga ko muganga agusaba gushira umukono kub'ibipapuro vya Medicare, muganga agaca abirungika ku biro vya Medicare, bigazoca aba arivyo bimuriha. Ataruko bigenze muganga ashobora kukubwira ukariha hanyuma ukazoja kwiyishuriza ku biro vya Medicare canke aho wakingije amagara ku bigenga(mu gihe woba waravyemerewe). Hari aho bagusaba kuzana ikarata yawe yo kwivuriza ko"Medicare " (canke Health Care Card iyo uyifise).

Guhindura indimi mu zindi

Abaganga bararonka imbere y'abandi ugukoresha telefone kugira baronke uwusigurira umurwayi gushika bahejeje kubonana na muganga. Ibi bikorwa ata mafaranga asabwe haba ku murwayi canke kuri muganga mu gihe uri umunyagihugu ntayegayezwa muri Australiya canke uri umunyagihugu bwegu wa Australiya kandi mu gihe indwara wivuza ijanye nivyemerewe na Medicare. Muganga arashobora kandi kukuronkera umusiguzi agufasha uho uri iyo bikenwe

TIS National Doctors Priority Line (24 Hours)	**1300 131 450**
TIS National website	www.immi.gov.au/tis

Abaganga baruhariwe

Ntushobora kubona muganga bita **specialist** utabanje kubonana na muganga avura bose-. Uwo muganga lero arashobora kurungika ku bandi baganga canke ku baganga baruhariwe (**Specialists**) kugira bagusuzume birenze.

Imiti

Iyo muganga abona ko umurwayi akeneye imiti aca ayi mwandikira , umurwayi nawe akaja kuyigura kumudandaza w'imiti (**pharmacy**). Imiti imwimwe itangwa ar ' uko muganga yayandikiye umurwayi .Iyo ufise iriya karata yo kwivurizako no mukugabanirizwa ibiciro bita **Health Care Card** canke ufise ikara ya Pansiyo wahawe na "Centrelink", uzo gabanirizwa ku miti imwimwe.Umurwayi agiye kugura imiti ategerezwa kugenda yitwaje ikarata yo kwivurizako ya leta "Medicare "

Nivyiza ko usoma witonze ingene iyo miti ifatwa , utavyumva neza ukabaza .Kuvyerekeye imiti , baza umucuruza w' imiti canke utelefone kuri:

Medicines Line	**1300 888 763** (Monday to Friday, 9am to 6pm)
Website	www.nps.org.au

Ibigo bibungabunga amagara y'abanyagihugu.

Ibigo biraba amagara y'abanyagihugu "**Community Health Centres**" birafasha abanyagihugu b'imyaka yose mu kubavura ku giciro gitoyi. Ivyo bigo ntibifasha co kimwe mubice vyose, ariko henshi usanga bafasha ibijanye n'ubuforoma , inyigisho z'amagara gukanda abavunitse , amenyo , kuremesha n' ibindi bijanye n'ukwivuza.

Ubasanga mu gitabo ca telefone citwa White Pages ahanditse 'Community Health Services' canke 'Health'.

Ingwara zo mu mutwe

Ivyo gukorwa vyinshi vyarateguwe ku barwayi bafise ingorane zo mu mutwe. Kenshi abarwayi, bakeneye ico gufashwa ku ngorane bafise zo mumtwe basabwa kwegera umuganga wabo avura indwara zose canke ikigo kibungabunga amagara y 'abanyagihugu.

Ico bita "**Survivors of Torture and Trauma Assistance and Rehabilitation Service "(STTARS)** irafasha kandi igahumuriza abahababuwe. Nta vya politike n'amadini yegamiye kandi ikora k'ubuntu n'ivyo ikora biguma mu mabanga. Iryo shirahamwe rirafasha mu gutanga abasigura mu zindi ndimi.

STTARS	**8346 5433**
Website	www.sttars.org.au

Ibisata bijejwe abantu bavuga izindi indimi kandi bafise imico itandukanye

Ibitaro vyinshi n' amavuriro birafise imigwi y'abahinga bivy'amagara bajejwe kuvyigisha abimukira .Iyo migwi y'abaganga iratanga impanuro aho umugwayi yoja kwivuza ,amakuru kuvyerekeye amagara n'ibindi.Hamagara ku bitaro canke ivuriro bikwegereye kugira umenye ko hari umokozi avuga ururimi rwawe (Multicultural Health Worker).

Ico bita" Migrant Health Service"iri mu mashirahamwe menshi yaronse amafaranga kugira ifashe mu vy'amagara abantu bagishika kandi ikabarangira n'ahandi boronka izindi mfashanyo bikenewe.

Migrant Health Service
21 Market St
ADELAIDE
Tel: **8237 3900**

Gukingira impanuka abana

Ico bita "Kidsafe", ishirahamwe ry'Australiya rikingira impanuka abana (Child Accident Prevention Foundation of Australlia) , n'ishirahamwe ritegamiye Leta rijejwe guha inyigisho n'ibindi bikenewe abavyeyi n'amakominoti zo gukingira impanuka abana.Hari inyigisho zimwe za siguwe mu zindi ndimi ku ma webesite bita Kidsafe yerekeye Leta za "Western Australian " na "Victorian".

Kidsafe SA	**8161 6318**
Gufasha mu zindi ndimi atari Icongereza	**131 450**
Website	www.kidsafe.com.au

Incandago

Incandago zikingira abana(hamwe n'abakuze) ku ndwara zandukira. Incandago s' itegeko ariko birasabwa ko abana bose bacandarwa.Intara zimwe zimwe n'ibindi bice vy'igihugu nka (NSW, VIC, TAS and the ACT) birasaba urupapuro rw' incandago mu gihe umwana bamushize mw'irerero canke atanguye ishule. Ibi bituma irerero canke ishule bimenya urutonde rw'abana bakingiwe n'abatakingiwe.Incandago ushobora kuzironkera kwa muganga avura indwara zose canke ikigo kibungabunga amagara y'abanyagihugu.

Iyo wipfuza kuhabwa incandago mu bigo bibungabunga amagara y'abanyagihugu canke kw'ivuriro rikwegereye uraheza ukabegera kugira umenye incandago zihatangirwa numwanya zitangirwako.

Kugira uronke imfashanyo y'umwana, ategerezwa kuba yaracandazwe igihe cose bisabwa canke akaba yararekuriwe kuronka incandago.

National Immunisation Infoline	**1800 671 811**
Australian Childhood Immunisation Register	**1800 653 809**
National Immunisation website	http://immunise.health.gov.au

Ivyerekeye amenyo

Hari abavuzi b'amenyo bikorera ivyabo mugice uba mwo batangisha amafaranga kuvyo baba bagukoreye. Utegerezwa kuba waragiraniye amasezerano n'ibigega vyigenga bijejwe kubungabunga amagara y'abanywanyi ku gira ufashwe kuriha amafaranga baguciye mu kukuvura amenyo.

Intara n'ibice vy'igihugu birafasha mu kuvura indwara zimwe na zimwe zo mu kanwa ku buntu kubafise ya karata ya Centrelink. Ivyo bafashamwo ubwambere kugabanya ububabare no gufasha umurwayi mu bintu bisanzwe vyo ku muvura mu kanwa harimwo ukurihira umurwayi ivyuma bifata amenyo. Egera ikigo c'ivuriro kikwegereye canke ibitaro kugira umenye ivyo bashobora gufasha mwo canke wegere Centrelink (ikigabane ca 8, *Social security*) kugira urabe ko wemerewe kugabanirizwa amafaranga yo kuriha.

Abana biga mu mashule ya Leta gushika ku myaka 18 baremerewe kuvurwa amenyo kuri gusa mu mavuriro ya Leta musanga ku mashule menshi. Kugira umenye ivuriro rikwegereye raba ahanditse 'SA Dental Service' mu gitabo c'amatelefone citwa White Pages.

Ukuronka uburenganzira mw'irerero ry'abageze muzabukuru

Ibigo birererwamwo abageze muzabukuru vya tegekanijwe ku bantu bakuze cane badashobora kuba muhira bonyene bivuye kumvo nyinshi, nk'uburwayi, ubumuga, ubupfakazi, ivyaduka, ingorane z'uwubaraba, umuryango canke abagenzi, canke kubera bigoye uyo mutama canke umutamakazi kuba wenye atawumufasha.Abadakenewe kurerwa vya cane barashobora kubashira mu nzu bisangije canke inzu z'abageze muza bukuru babamwo (retirement villages).

Ico bita Aged Care Assessment Teams (ACATs) kiratanga impanuro kuvyo Leta ya Australiya ifashamwo mu gutanga amafaranga muri ayo marerero y'abakuze canke ivyo gufasha kugira ugume mu nzu yawe canke ko ushaka kwinjira mu mazu y'abageze muzabukuru.

Hari ibintu bitanu bisabwa kugira winjire mu mazu y'abageze muzabukuru. Ni ibi bikurikira:

- Kuraba k' ukwijije ivyangombwa.
- Kukuronkera inzu
- Kuronka amafaranga y'ukurihira iyo inzu
- Kubisaba
- Kwimuka no kugenda kuba muri iyo nzu.

Ushaka gufashwa kuvyerekeye aya marerero y'abakuze, hamagara :

Telefone ifasha abari muzabukuru n'amakominoti	**1800 500 853**
Website y'abantu bari mu zabukuru	www.seniors.gov.au

Abageze muzabukuru barafise amarero menshi atandukanye, hari abarabirwa mu mazu yabo (kubarabira mu mazu yabo canke ya kominote) n'abimukira mu yandi mazu (kubarabira mu vyo bita "Nursing Homes or Hostels"). Murashobora kuronka telefone z'amashirahamwe ajejwe amarerero y'abakuze muri South Australiya (harimwo n'ibisata biraba abaturuka mu bihugu bitavuga icongereza ahanditse 'Aged' mu gitabo ca telefone citwa White Pages.

Ibibanza vya Leta nkuru bita "Carelink" biratanga inyigisho n'imfashanyo ku bantu bitaho abageze muzabukuru no ku bantu bafise ubumuga. Mukeneye inyigisho zirutaho egera:

Ibibanza vya Leta nkuru bita Carelink	**1800 052 222**
Website y'ibibanza bita Carelink	www.commcarelink.health.gov.au

Ico bita "**Multicultural Aged Care"** irafasha kandi igatanga impanuro ku vyerekeye amarerero ajanye n'abantu bafise imico itandukanye kandi bavuga izindi ndimi, mworaba rero ahakwirikira:

Multicultural Aged Care	**8241 9900**

Ico bita **“Ethnic Link Services”** n’igisata gikwiye mu gihugu cose cishinze gufasha abantu bafise imico itandukanye kandi bavuga izindi ndimi kugira ntibarenganywe mu vyerekeye ibigo bijejwe abageze muzabukuru. Ivyo bisata bikoresha abantu bavuga indimi nyinshi kandi bazi vyinshi mu vyerekeye imico itandukanye bashobora gufasha mu kwihweza ivyo bakeneye kandi ikabarangira ibisata vyobafasha neza. Baza ahakwirikira:

Ethnic Link Services	**8241 0201**
Inomero batelefona mu gihugu cose	**1800 648 598**

Inyigisho zindi

Ushaka kumenya ibirenga ko n’ibindi vyinshi vyerekeye amagara, baza muganga akwegereye, ivuriro rikwegereye, ibigo bibungabunga amagara y’abanyagihugu, ibitaro canke umudandaza w’imiti.

12. Uvyukwinezereza n'ibijanye n'ibinyamakuru

Ibikorwa bikorerwa hanze yaho uba

Australiya irafise ahantu henshi habereye ho gusohokera harimwo ugutembera mu ngendo ndende,ugutembera mu mashamba, ukumara imisi mu makambi hamwe rero n'ukunonora imitsi. Hari amategeko utegerezwa gukurikiza iyo ugiye mu bice vyo kuratira ijisho:

- Iyo ugiye ku kiyaga ahobogera ni vyiza ko wogera mu bice bigenzurwa na bariya bajejwe gutabara iyo hari uwugize ingorane mu mazi. Ni ukwogera mu bice vyashinzwemwo amadarapo vyerekana ko aboga bategerezwa kutaharenga.Aho kwogera hose ku biyaga ntituhasanga abatabara iyo hari uwugize ingorane ariko aroga.
- Si vyiza koga canke kuroba uri wenyene.
- Utegerezwa kwambara inkofera iyo hari izuba ryinshi kugira ntiriguturire canke ntugware kansera (Cancer) y'urukoba. Ibi birakenewe cane ku bakiri bato kandi n'amashure menshi arasaba ko abanyesule bambara inkofera mu gihe c'ici.
- Ni vyiza kwambara amarori akingira izuba mu gihe c'ici.Urashobora kuyagura ku mudandaza w'imiti canke mu masoko manini manini.
- Gucana umuriro canke ico bita "barbeques" kw'izuba ryinshi ntivyemewe n'amategeko. Ushaka kumenya ivyerekeranye n'imisi izuba riba ryinshi cane,hamagara:

Weather forecasts	**1196**
Bureau of Meteorology website	www.bom.gov.au/weather/
The Royal Life Saving Society Australia	www.royallifesaving.com.au
Swim Australia	www.swimaustralia.org.au
Kidsafe	www.kidsafe.com.au

Inomero zikwirikira n'ingirakamaro cane:

National Parks and Wildlife SA	
Department of Environment and Heritage (helpline)	**8204 1910**
Fisheries Licensing	**8347 6107**

Ibinyamakuru

Mu masoko menshi manini manini harimwo ibiro vyinshi ntangamakuru mu ndimi zitandukanye, iyo ivyo biro bidafise amakuru wipfuza urashobora kubisaba bikayakuronderera.

Ico bita **Special Broadcasting Service (SBS)** ni amateleviziyo n'amaradiyo afise integuro mu ndimi z'imico itandukanye.Uruntonde n'integuro zo kundwi yose, tubisanga mu binyamakuru vyom'ibisagara .Urutonde rw'amaradiyo yigisha ivy'imibano turusanga muri website ya National Ethnic and Multicultural Broadcasters' Council (NEMBC) ariyo www.nembc.org.au

Iradiyo bita "5EBI FM" isohora porogaramu mu ndimi nyinshi kuri ferekansi 103.1 KHz. Radiyo ya kominote bita 'Radio Adelaide' 101.5FM iratezimbere ivyerekeye indangamico y'ibihugu vyinshi, ivyerekeye urwaruka n'ibindi bigezweko kandi ikorana na UniSA.

Imbere yuko usinya amasezerano kugira uzohore uronka amakuru, abo bavyipfuza basabwa kwitegereza neza ko bazokoroherezwa mu kuyaronka.Birakunda gushika ko

abantu basinya kuba abanywanyi ba televiziyo zirihisha amafaranga bibaza ko integuro z'ayo mateleviziyo bazoziraba kuri gusa.

Internet

Hari integuro zategekanijwe ku buntu canke ku mafaranga make kugira ukoreshe internet canke wigishwe gukoresha internet. Ushaka kumenya ibirenga kur' ibi, egera ubuyobozi bw'intango bubijejwe mu gice uba mwo canke ishule rikwegereye (muntara). Amazu ya leta yo gusomera mwo ibitabu aremerera abanyagihugu gukoresha internet atamafaranga utanze.

Australian Library Gateway	www.nla.gov.au/libraries
Australian Internet Cafes	www.gnomon.com.au/publications/netaccess/

Ico bita "The Service SA Customer Contact Centre"n'igisata ubarizamwo ivyo wifuza vyose kugira ifashe abarondera ahariho hose mu ntara:

Service SA Customer Contact Centre	**13 2324**

13. Ubushikirangaji bujejwe uraja n'uruza n'ubwenegihugu

Ubushikiranganji bujejwe uruja n'uruza hamwe n'ubwenegihugu, bita **Department of Immigration and Citizenship (DIAC)** niho umuntu asabira impapuro z'inzira hamwe no kubaza ivyeyerekeye kuronka ubwenegihugu.Hari n'amakuru menshi dusanga kuri website ya DIAC **Living in Australia** harimwo ingene umwimuka yomenyera n'ingoga muri Australiya.

DIAC enquiries	**131 881**
DIAC website	www.immi.gov.au
Living in Australia web pages	www.immi.gov.au/living-in-australia

Ibiro vyo mu ntara vyaDIAC bikorana n'ibisata atari bike vy'urujanuruza rw'abantu, harimwo viza na za permi, canke ugusaba kuba vy'agateganyo canke bwegu muri Australiya:

South Australian DIAC Office
3rd Floor East
55 Currie St
ADELAIDE SA 5000

Ubwenegihugu bwa Australiya

Ku baba muri Australiya nk'abanyagihugu ntayegayezwa, ica mbere gisabwa kugira uronke ubwenegihugu n'ugutora ikibazo babaza ku vyerekeye ubwenegihugu. Kugira witegurire ico kibazo, utegerezwa gusoma igitabu kivuga ivy'ubwenegihugu dusanga kuri website iri aha hasi.

Iyo utoye ico kibazo n'ibindi bisabwa ku bwenegihugu bwa Australiya, harimwo ukuba muri Australiya ikiringo categekanijwe n'amategeko ukongera ukaba wigenza neza, birakenerwa ko wiyandikisha usaba ubwo bwenegihugu. Iyo bakwemereye, uzosabwa ko ugenda ku birori vyo kugutanga urupapuro rw'ubwenegihugu;kur'ivyo birori,abakuze barasabwa kurahira ko bavyemeye imbere yuko baba abanyagihugu bwegu ba Australiya.Ushaka kumenya ibirenga ibi harimwo kumenya ko wemerewe n'impapuro buzuza genda kuri:

Citizenship Information Line (in Australia)	**131 880**
Citizenship website	www.citizenship.gov.au/

Umaze kuba umunyagihugu bwegu, uca usaba igitabo c'inzira (passport ca Australiya. Iyo ushaka kugumana ubwenegihu bw'igihugu cawe hamwe n'ubwa Australiya, urashobora gutembera mu gihugu hagati canke hanze ya Australiya ukoresheje passport ya Australiya.

Kubanyagihugu ba Australiya iyo ufise imyaka cumi n'umunani canke irenga utegerezwa kwiyandikisha kugira utore. Hari igihe bishika ko ku musi baguha ubwenegihugu uca wiyandikisha kugira habaye amatora uzotore. Urashobora kwiyandikisha ufise imyaka cumi n'indwi kugira niyo wakwiza cumi n'umunani ntuzorinde kwiyandikisa uzogenda utora gusa.

Impapuro zo kwiyandikisiriza ko gutora zarategekanijwe ku biro vy'amaposita,ibiro vy'Australiya bijejwe amatora" **Australian Electoral Commission (AEC)" hamwe na** website ya AEC. Iyo wujuje ivyo bipapuro bigutuma ushobora gutora mu matora y'igihugu cose canke mu ntara hamwe rero n'ayo mu gice uba mwo.Mu gihe cose uhinduye aho uba, bisabwa ko wiyandikisha bushasha. Inyigisho zindi zerekeye ibivuzwe tuzisanga kuri website (kandi no mu ndimi zindi atari icongereza) canke hamagara ibiro vya Australiya bijejwe amatora AEC mu gihe cose woba ufise ico ubaza.

Australian Electoral Commission (AEC)	**13 23 26**
AEC website	www.aec.gov.au

Viza zo kugaruka

Iyo uri umunyagihugu ntayegayezwa wipfuza kugenda mu bindi bihugu kumarayo ikiringo gito kandi wipfuza ko uzoca ugaruka, ukenera ico bita **Resident Return Visa**. Egera DIAC kugira umenye ko bikenewe kuronka impapuro zikwemerera kuzogaruka muri Australiya.

Imiryango iza kuramukanya muri Australiya

Kuramukanya

Abaza kuramukanya bategerezwa gusaba uruhusha rw'ukw'ikwinjira (visa) rukwiye n' ikiringo bazomara muri Australiya. Urupapuro rw'inzira rwose rufise amategeko yarwo arugenga nico gituma ari vyiza kwegera ibiro vy' **Australian Overseas Immigration** raba ibikwirikira ushaka kumenya vyinshi kuri vyo.

Ico bita **Electronic Travel Authority (ETA)** n'uburyo bwategekanijwe mu mashini ku bantu bafise impapuro z'inzira bava mu bihugu birenga mirongo itatu(30) biciye mu mashirahamwe yunguruza abantu hamwe n'amashirahamwe y'indege zunguruza abantu,hamwe n'ibiro vya Australiya bijejwe imigenderanire n'ibindi bihugu. Ibi biro vya ETAs birafasha ku bashaka kuza kuramukanya muri Australiya ku kiringo gito kuronka uruhusha kuza muri Australiya k'uwo myanya nyene babisabiye ko iyo bahejeje kuriha indege. Ukoresheje ETAs, kuramukanya ntibisabwa kwuzuza ibipapuro kugira uronke viza. Amakuru menshi tuyasanga kuri www.eta.immi.gov.au/

Kwimukira muri Australiya

Hari uburyo butatu bwo kwimukira muri Australiya:

- **Kwimuka kw'imiryango**. Abimuka bategerzwa kuba bafise incuti muri Australiya kugira zibemeze.
- **Abemererwa kwimuka kubera ubukerebutsi bafise muvyo bize.** Uwubisaba ategerezwa kuba afise ubumenyi n'ubukerebutsi bituma aterera agacumu k'ubumwe mu butunzi bw'igihugu ca Australiya canke mu bindi bice vy'ubuzima bw'igihugu**.**
- **Impunzi zaje ku buntu budasanzwe hamwe n'integuro zidasanzwe zo gufasha**.

Hari amategeko adasanzwe yategekanijwe incuti zawe zitegerezwa gukurikiza kugira bashobore kwimuka. Amategeko y'ukwimuka ntiyoroshe kandi arahindagurika kenshi, nico gituma ari vyiza ko mwobanza kubaza DIAC inkuru mvaho kuri umwe umwe yimuka. Ushaka kumenya ibirenga ivyo raba:

Migrating to Australia www.immi.gov.au/immigration.htm

Urutonde rwa Australian Overseas Immigration Offices ubisanga:
www.immi.gov.au/contacts/overseas/index.htm

14. Ubutegetsi bw’akarere n’ibikorwa rusangi

Australiya ifise ibice bitatu vy’ubutegetsi: Leta nkuru y’Australiya, ubutegetsi bw’intara, n’ubutegetsi bw’akarere. Ubutegetsi bw’akarere bujejwe ibijanye n’aho abantu baba hanyuma bagafasha mu bintu vyinshi mur’ako karere. Ubutegetsi bw’intara bukura amafaranga mu makori atangwa n’abanyene amazu.Ntutegerezwa kuba utunze inzu kugira ubwo butegetsi bugufashe.

Ibikorwa rusangi

Ubutegetsi bw’intara burafasha mu kuronsa imirwi y’abantu aho bashobora guhurira, mu vyerekeye ivy’ukunonora imitsi, vyo kwinezereza n’ivyerekeye ibijanye n’imico kama. Ubutegetsi bw’intara burafasha mu bindi bintu vyinshi nk’ivyerekeye ibibanza bavuriramwo abana, amarerero y’abana bato, abakozi bishinze urwaruka, ibibanza barabiramwo abageze mu zabukuru canke bamugaye.

Ibisata bijejwe indangamico

Ubutegetsi bw’akarere bwinshi burafise abakozi bashinzwe indangamico z’abantu bamuka mu mihingo myinshi, canke bajejwe ibikorwa rusangi bashobora kubaha impanuro mu gihe mu riko muramenyera ubuzima busha muri Australiya. Muri ivyo harimwo ivyerekeye ivyo bashobora gufasha abageze muza bukuru bavuga indimi zitandukanye bava mu bihugu bitavuga icongereza.

Amazu yo gusomeramwo ibitabo

Ibirere nka vyosi birafise amazu yo gusomeramwo ibitabo aho abantu bemerewe kuba abanywanyi kugira bazohore bashobora gutira k’ubuntu ibitabo. Izo nzu zirafise kandi ibitabo mu ndimi zindi atari icongereza canke zikabitumako ahandi. Mu nzu nka zosi zo gusomeramwo ibitabo murashobora gukoresha internet.

Ibindi bashobora kugufasha

Ubutegetsi bw’akarere nibwo buraba amabarabara yaho, bujejwe utuzu twasugumwe, kandi nibwo bujejwe isuku ry’amamangazini n’inzu bafunguriramwo. Ubwo butegetsi bushinzwe kandi kuraba ibijanye n’iyubakwa ry’amazu, kandi utegerezwa gusaba uruhusha ubwo butegetsi, imbere y’uko uhindura iyubukwa ry’inzu yawe.

Ubutegetsi bw’akarere n’bwo bushinzwe ivyo kuyora imyavu n’ubuhinga bwo kuyisubiramwo. Baza ubutegetsi bw’akarere canke umubanyi wawe kugira umenye igihe batorerako imyavu.

Izindi nyigisho

Ushaka kumenya vyinshi ku vyerekeye ibintu biboneka mu gace uherereyemwo, gendera ubutegetsi bw’akarere kawe canke inzu basomeramwo ibitabo. Urutonde rw’amatelefone y’ubutegetsi bw’akarere n’ahowosanga ibintu nkererwa ubisanga mu gitabo ca telefone citwa White Pages mu gace kanditsemwo izina rya komine ikwegereye. Mwibuke ko hari abahinga mu gace muherereyemwo! Inyigisho zerekeye ubutegetsi bw’akarere murashobora kandi kuzisanga kuri website www.gov.au

Amashirahamwey’ubutegetsi bw’intara barashobora kukurangira ubutegetsi wegamiye.

Local Government Association	**8224 2000**
Website	www.lga.sa.gov.au